# Ishashara Rya Kane
Jeffersonville, Indiana, USA
21 Ntwarante 1963

1 Mwiriwe ! Twunamike imitwe yacu akanya gato kugira ngo dusenge. Data wo mw'Ijuru wuzuye ubuntu, twongeye kukwegera kuri kano kagorobamw'Izina ry'Umwami Yesu kugira tugushimire kubw'uyu munsimushasha.Turagusavye ngo uduhe umugisha wawe mu gikorane co kuri unomugoroba. Mpwemu Yera n'aze aheze aduhe insobanuro y'ibi bintuturonderana umwete mwinshi. Ewe Mana yacu, ibi ni bitubere ivy'agaciro cane kugira ngo dukoranirekw'Ijambo mu gufatanya kw'abavukana kuburyo tumaze gutandukana tujagushobora kuvuga duti : « Mbeg'imitima yacu ko yarik'iragurugumba, ahoyarikw'aravugana natwe mu nzira. » Turagushimiye ku co yatubereye kandi turizigira rwose ko azogumana natwebwe mu rugendo rwose kuko tubisavye mw'Izina rya Yesu. Amen !

2 Ndanezerewe cane ko nongeye kuba muri iyi nzu y'Umwami kuri kanokagoroba kubw'iki Gikorane. Kandi ndanezerewe cane kuko haciyemwoakanya, ndiyumvirira ko kitaja kuba ; ariko caruhiye kuba. Kandi ndashimacane kuko iki kimwe muri bimwe bimatanije ca gitabo ari ica nyuma kivugabamwe bane bagendera ku mafarasi kandi ndibaza ko ari bumwe mu butumwabuhambaye kw'Ishengero muri iki gihe. Sinzi ikiri mu kimatanije gikurikira. Ndabironka ku munsi ku munsi.Ngerageza kubitanga neza na neza nk'uko abimpa, nk'uko abihishura. Murashima iyi migisha ? Mwoba mwabonye ukuntu ibi bihura neza na nezana vya bihe ndwi vy'ishengero ? Birahuye neza na neza. Nico kinyereka kourya Mpwemu Yera nyene yatanze bwa butumwa ku bihe ndwi vy'Ishengeroari we nyene ariko aratanga ubu butumwa kuko, murabona ko ubu butumwaukwo ari bubiri buhurira neza cane mu gikorwa kimwe c'Imana, ubwayoyiyerekana mu buryo butandukanye.

3 Ni murabe ibi : Igihe yiyereka Daniyeli mw'iyerekwa, yabonye igishushanyoc'ikintu gisa n'impfizi y'impene, canke nkumbure ko aho hantu hari igiti ahandi hantuhakaba hari igishushanyo. Aho hose ivyo vyerekana ikintu kimwe. Twiyubareivyo bintu ntibiducike. Vyukuri natangaye cane mu kanya gaheze igihe nariko ndavuganan'Umutamakazi w'imyaka hafi mirongo umunani n'itanu. Imbere yuko mvangaha nja mu burengero, muri Ohio hariho umukobwa akiri muto arembejwen'indwara yo mu maraso yitwa leucémie) kandi yari ku mpfiro. Kandi iyongwara ni kanseri yo mu maraso. Oh, murazi ako gakobwa kari kamerewe nabiku buryo ata vyizigiro namba kari gafise.Bakagaburira bacishije mu mitsi.Kandi uwo muryango wari ukenye ! Hanyuma mwene Data na mushiki wacuKidd baciye bababwira cane ivy'Umwami yishura amasengesho ku buryobaciye baja hamwe, ndibaza, kugira ngo barondere umuntu wo kuzana akogakobwa.

4 Kari agakobwa keza gafise imyaka itandatu canke indwi ; oya, gafiseimyaka icenda. Kari mu cumba, maze igihe twegera Umwami, Mpwemu Yerayaciye avuga Ijambo kubwako. Iyo nibutse ukwo bakazanye kameze, n'ukuntubategerezwa kukagaburira ! Maze igihe basubira inyuma kaciye gatanguragusemerera ngo bagahe umukate ukoranye n'inyama, gaca karawurya ! Baciyebawugaha, maze kuva ico gihe karashoboye kurya nk'uko bisanzwe. Haheze igihe gito, imisi mikeyi gusa inyuma y'ivyo, baciye bagasubiza kumuganga ariko we nta na kimwe yashobora gutahuramwo. Mbere yavuze koumengo si ka gakobwa ! aca avuga ati : «Ya kanseri yo mu maraso ntiwomenyan'aho yaciye.» Kandi kari kagarukiye ku mpfiro! Bari bagahevye, kukagaburiragusa bacishije mu mutsi. Kari gasigaye gasa n'umuhondo (murazi ukuntu acaahinduka iyo bimeze gurtyo), ariko ubu karaja kw'ishure maze kagakinan'abandi bana, kandi karanezerewe cane!

5 Ivyo binyibutsa ibindi nabonye bisa nivyo. Umunsi umwe, niho naringishika i muhira ntashe; hari hariho abantu bakeya, ntihenze bari abaAngilikano canke Abaperesipiteriyano bari bakuye i kansas umwanaw'umukobwa mutoya agwaye kanseri yo mu maraso. Yari yahebwe n'abaganga, ndibaza, bari bamubwiye ko adashobora kurenza imisi ine yokubaho. Yari amerewe nabi cane ku buryo bari bavuze bati…..Hanyuma rero abobantu ntibatinyeigikonyozi n'amabarabara yuzuyemwo urubura, bamara imisi ine bariko barazakugira ngo asengerwe. Sekuru, umusaza asa neza cane afise imvi…. Harihaheze imisi ibiri bamuzanye mu buraro butoya bwari hakuno y'Ibarabararyitwa Silver Creek (ndibaza ko butakibaho). Niho nagendayo rero muri iryojoro kugira ngo ndamusengere.

6 Hari kare cane mu gitondo. Nari nagarutse mu gisagara iryo joro nyenemaze nca njayo. Sekuru yaguma azunguruka mu cumba, maze nyinaakagerageza kwitaho uwo mwana. Mu gihe nari mpfukamye kugira ngo nsenge,Mpwemu Yera aca ampishurira ibanga ryari hagati ya se na nyina, ikintu baribarakoze. Naciye ndabashira ku ruhande maze nca ndababaza ibibazo kuri ivyo.Baciye batangura kurira maze baca baravuga bati : « Ni ivy'ukuri ! » Niho rero naca ndaba inyuma maze nca mbona ka gakobwa karikokarasimba umugozi kongera gakina. Haheze hafi nk'iyinga zitatu, baciyebandungikira ifoto yerekana ako gakobwa kavuye kw'ishure, kariko gasimbaumugozi, ya kanseri yo mu maraso ata womenya iyo yaciye. Ivyo bishingantahe ni ukuri kutagabanije murabizi ; Imana ni iy'ukuribihebuje! Nimuyikorere gusa kandi muyizere. Ndazi ko ari iy'ukuri.

7 Ubu rero ngerageza gukora ukwo nshoboye kandi, mu gihe hagati yacu hariikintu kiriko kiricira inzira …Kuri uno mugoroba, turaja kugeragezakubw'ubuntu bw'Imana, gufata ica kane kimatanije ca gitabo maze turabe icoMpwemu Yera aja kutubwira kuri ivyo.18. Dusome mu Vyahishuriwe Yohana, igice ca 6,

maze duhere ku murongow'indwi (turasoma umurongo w'indwi n'uw'umunani; hama hari imirongoibiri, uwa mbere ni uwo guhamagara, uwa kabiri ni ivyo yabonye. « Kandiamenye ica kane kimatanije ico gitabo numva ijwi ry'ikigira kane mubinyabugingo, kiti Ngwino. Mbona ifarasi ibenjutse ; kand'uyicayeko yitwaRupfu, kuzimu nawe aramukurikira ; bihabwa ububasha ku kigira kane c'isi,kugira babicishe inkota n'inzara n'urupfu n'ibikoko vyo kw'isi. » Ubu rero Umwami n'adufashe kugira ngo dutahure ivyo. Ni ibanga.

8 Kugira ngo tubibone neza vyose, turaja kwongera kwihweza gatoyaivy'abo bagenderaku mafarasi (nk'uko twabigize ku bihe ndwi vy'ishengero) bo n'ibi bimatanijeca Gitabo tumaze kumena. Gurtyo, turaja kwibuka ivyo bintu vyose mukubivugako gatoya gushika aho twumva ko ari igihe gikwiye co kuvuga. Twarabonye rero ko ukumenagurwa kwa birya bimatanije ca gitaboari ukwugururwa kwa ca Gitabo kimatanishije ishashara c'Ugucungurwa,kandi ko ico Gitabo kizinze nk'umuzingo, nk'uko babikora kera. Nticari igitabokimeze nk'iki kuko ubu buryo bwa none bwo gufatanya ibitabo bumaze imyakaamajana makeya bubayeho. Bamaze kuzinga ico gitabo baca basiga ahantu kumpera ho gufata. Narababwiye ukuntu ivyo vyakorwa n'aho mushoborakubisanga mu Vyanditswe. Ni muri Yeremiya n'ahandi. Hanyuma igikurikiracaca kikizingirirwako, hagati bagasiga ahantu ho gufata k'uku. Kimwe murivyo caba ari ikimatanije ico gitabo, cari Igitabo kimatanishije udushashara ndwi,cari Igitabo c'Ugucungurwa kimatanishije udushashara ndwi.

9 Nta n'umwe haba mw'Ijuru, kw'isi canke i kuzimu, yari abereyekukizingurura, cankengo akirabe. Ni ho rero Yohana yaca arira, kuko ata muntu n'umwe yoshoboyekubona. Kandi iyo ico Gitabo kidakurwa mu minwe y'uwari asanzwe arinyeneco (uwo cagarutseko Adamu na Eva bamaze kugitakaza bakarwabagatakaza n'uburenganzira bari bafise kw'Ijambo) aho rero amasezerano,umugabane wabo… Nimwibuke ko bagenzura isi. Adamu yari « imana ntoyi » kuko yariumwana w'Imana, kandi umwana w'Imana aba ari « imana ntoyi ». Ivyontibihushanye n'Ivyanditswe. Ndazi ko ivyo bisa n'ibitangaje arikoYesu yavuzeati : « None ko yabise imana bamwe Ijambo ry'Imana ryashitseko… » Nonerero Ijambo ry'Imana riza kuri bande ? Riza ku bavugishwa n'Imana. « Noneko mwita imana bamwe Ijambo ry'Imana ryashitseko, n'iki gitumamuncirakw'iteka, iyo mvuze ko ndi Umwana w'Imana ! » Murabona ?

10 Bari imana kandi na wewe nyene, namba wavukiye mu muryangowitiririrwa, uba uri umwana, uri agace ka So . Hanyuma, igihe icaha cinjira,twarabonye ko umuntu yaciye aba hakurya y'imanga imutandukanya n'Imanabica biba ngombwa ko ashikana amapfizi y'inka n'amasuguru y'impene ; ivyovyaratwikira ivyaha ariko ntivyakuraho ivyaha imbere y'uko Ikibikura nyakurigishika, uwashobora gufata amarabaga y'icaha, akayazimanganya mazeakayarungika kuri umwe wa mbere yamye agoreka ibintu ari we Satani.Iyo ivyo bisubiye kwa Satani, aca arindira igihe ciwe co gukurwahoburundu. Ivyo vyerekana ivyo twizera .Turizera ko Satani azokurwaho burunduakazimanganywa.

11 Ndizera ko icaha kizokurwaho. Iyo icaha catuwe hishimikijwe Amaraso yaYesu Kristo, ni nk'akama k'irangi bokororera mu muti ukura amarabaga ; ricarizimangana maze rigasubira neza aho ryavuye. Ukwo ni kwo Amaraso ya Yesu Kristo akora. Aragarukana umuntuyari hakurya y'imanga imutandukanya n'Imana akamusubiza mu kibanzaciwe c'ukuba umwana w'Imana. Ni ko ubushobozi bw'Imana burema bubaburi muri we bukora ivyo, maze tukagaruka mu kibanza cacu twahozemwo, iyoImana itegetse ko ivyo bikorwa.

12 Gurtyo rero, igihe Mose, mu gihe c'amaraso y'amapfizi ….igihe yabonaurya Muco, ya Nkingi y'Umuriro muri ca gisaka caka umuriro, ni ho yariahagaze Imana imaze kumutuma, kandi yari Uwavugishwa na Yo; kandi iyoIjambo ry'Imana rimujeko, yaravuga kandi n'ibintu vyaca biremwa n'Ijambo. Namba barashobora gukora ivyo bintu bari munsi y'amarasoy'amapfizi, none bigenda gute ku Maraso ya Yesu ? Ntatwikira arikoarakuraho burundu ; mugahagarara imbere y'Imana nk'Umwanayacunguwe. Murabibona ? Ishengero ryararenganye cane uko ryategerezwakubaho. Ndibaza ko akenshi tuguma turaba ibintu aho gusohokatukabivamwo hakiri kare. Hariho ikintu nashaka kuvuga kandi nzokivuga mugihe caco.

13 Ni murabe ko hari ikintu kitari co mu mashengero. Nibaza ko uburyoamadini akoramwoari bwo bugoreka ivyiyumviro vy'abantu ; ku buryo bataba bakimenya uko baribukore. Ni ivy'ukuri. Ariko twarasezeraniwe ko bizohishurwa. Ng'ibi rero bimwe ndwi bimatanije ca Gitabo, maze hanyuma, ivyo ndwibimatanije ca Gitabo birangiye, turabona, mu Vyahishuriwe Yohana 10 kohariho imituragaro ndwi yagizwe ibanga. Ivyo Yohana yari yahawe itegekoryo kwandika ; ariko hanyuma akabuzwa kuvyandika. Kandi mu gihe c'iryamituragaro, turabona ko Kristo, canke wa mumarayika, amanukayambaye umunywamazi maze agashira ibirenge vyiwe kw'isi no ku kiyaga,akarahira avuga ko gushitsa muri ako kanya igihe kizoba kirangiye.

14 Hanyuma, turabona, mu guhishurwa kwa bimwe bimatanije ca Gitabo, kowa mwagazi w'intama yavuye muri ca gikorwa ciwe c'ubuhuzank'uwutuvugira kandi ko ubu aje kugira ngo yishuze ivyo afitiyeuburenganzira. Aje gukomoza abo bose yacunguye kubw'Urupfu rwiwe. Nta n'umwe yoshobora kuzingurura ico Gitabo ; nta n'umweyogitahura. Cari Igitabo c'ubucunguzi ; kandi Imana, Data, Mpwemu, yariigifise mu minwe kuko Kristo ku Ntebe nk'umuhuza ari we Muhuza wenyene.Ni co gituma hatashobora kubaho uwera n'umwe, yaba Mariya, yabaYosefu canke ikindi ico ari co cose kuri ico gicaniro, kuko hari hakeneweamaraso, kandi amaraso ya Yesu yonyene ni yo yashobora gutangwakoimpongano. Gurtyo rero nta na kimwe kindi cashoboye kuba umuhuza. Niivy'ukuri ! Nta kindi na kimwe cariho.

15 Ni co gituma kirya ciyumviro co gusabirwa na Yuda ku bijanye na politike,n'umweranda Cécile kubw'ikindi kintu n'ibindi, nta nsiguro bifise. Sinshakakuvuga ko abantu bakora ivyo bataba ari imvugakuri canke badafise imitimay'ukuri. Simvuze ko hari ico imitima iba ibagiriza iyo mukora ivyo mukora,ariko muri mu kinyoma. Ntaco umutima uba ubagiriza ariko muba muri mukinyoma. Mwovuga muti : « Erega wa mumarayika yariyeretse Bonifasi Mwerandamaze amubwira ibi, none rero bikwiye ko dukora ibi n'ibi ! » Sinkekeranya na gatoya ko hariho uwoba yareretswe ivyo. Sinkekeranya kohariho ivyo Joseph Smith yeretswe, ariko ntivyari bihuye n'Ijambo ryose.Kubw'ivyo, ku bwanje ico ni ikinyoma. Ivyo bitegerezwa kuba bihujen'Ijambo ryose.

16 Ni ko bimeze no kuri vya bihe vy'Ishengero, Ibimatanije ca Gitabo n'ibindivyose. Kandi namba umuntu yibaza ko afise ivy'iyo mituragaro ndwi,namba ivyo bidahuye n'Ijambo ryose, n'ukuvuga ko haba hari ikintukitari co. Ivyo bitegerezwa kuba UKU NI K'UHORAHO AGIZE, kuko iconi co ca Gitabo, ni Igitabo c'Uguhishurwa kwa Yesu Kristo kunengesereye. Gurtyo rero, ndibaza ko hanyuma wa Mwagazi w'intama yaciye yegereza.Yohana yariko ararira. Ntiyashobora kubona umuntu n'umwe mw'Ijuru cankekw'isi, kuko bose bari hakurya y'imanga ibatandukanya n'Imana kubera icaha.

17 Ntihabonetse umuntu n'umwe. Nta nkeka ko umumarayika yashobora kubaabereye, ariko vyari bikwiye ko aba ari uwo mu muryango wo hafi. Vyaribikwiye ko aba ari ikiremwa-muntu kandi nta wumeze ukwo yari ahari kukoumuntu wese yari yavutse biciye ku gitsina. Hari hakenewe umuntu atavyawemu buryo bw'ibitsina. Ni co catumye Imana ubwayo yiyizira mu kuvukaku nkumi maze iba Emanuweli ; kandi Amaraso yayo ni yo yonyeneyabaye ayabereye. Hanyuma rero igihe ubwiwe yajabuka iyo manga kugirango atange ikiguzi maze ngo adushirireho ikiraro, yagiyeho aba Umuhuza kandini ho acicaye. Kandi mu vy'ukuri ca Gitabo cagumye kizinze muri ico gihecose. Vyose biri muri co ariko bikaba bikiri mu bigereranyo. Barabibonye.

18 Mbere Yohana yarumvise n'ivyavuzwe, maze aca abona uwa mbere aje.Aca aravuga ati: « Ifarasi y'igitare iraje. Hari uwuriko arayigenderako. Afiseumuheto mu minwe. » Ni ibigereranyo. Ntibihishuwe. Oya, ni ibigereranyogusa. Kandi ntaco yari kuvuga kirengeye ico uwundi muntu wese wo kw'isiyobona. Nta kindi yashobora kuvuga. Ni ivy'ukuri.41. Nta nkeka yari gushobora gutsitara akanyerera, agakora ku kintu kanaka ahana hariya, haciye akanya gato…Ariko hanyuma turabona ko muri ca gitaboc'Ivyahishuriwe Yohana, ku butumwa bw'umumarayika w'indwi,amabanga ; amabanga yose yo muri ico gihe (IvyahishuriweYohana 10 :1-7),ko azohishurwa mu gihe ashinzwe, mu gihe cavyo c'uko bikorwa. Hanyuma ya mituragaro ndwi yumvikanisha amajwi yayo adasanzwe,kandi Yohana yari yiteguriye kwandika. Yari azi ivyo ari vyo, arikontiyavyanditse, kuko atavyemerewe. Ni ibanga rikwiye, ry'intamenwa. Ekambere si no mu buryo bw'ibigereranyo canke ibindi. Tuzi gusa koyaturagaye, nta bindi.

19 Nashaka nongere mvuge iki : ku musi w'iyinga mu gitondo, nta gikorwaco gusengera abagwaye cakozwe kubera ko nategerezwa gutanga inyishu kubibazo vyanyu. Nashaka ko mubaza n'ibibazo kuri ibi bimatanije ca Gitaboukwo ari indwi, namba hari ikintu kibateye amadidane canke mudatahura.Nimubaze ibibazo ku bimatanije ca Gitabo ukwo ari indwi, maze rero ku musiwa gatandatu ku mugoroba nzobabwira namba hari ibikwiye kugira ngondavyishureko. Ariko ku bibazo nk'ibi, ngo : « Vyari bikwiye ko nkora iki ? »canke « Narose inzozi. » Ni ibintu bifise akamaro koko, ariko ntiturenge ibibimatanije ca Gitabo ukwo ari indwi, ni vyo turiko turigako. Intumbero y'ibibikorane ni ibimatanije ca Gitabo uko ari indwi. Abe ari vyo tugumamwo.

20 Ntegerezwa gutaha vuba; hari ibikorane ntegerezwa kugira mu burengero.Hanyuma mu kwezi kumwe canke abiri nzogaruka kandi, namba Umwamiabikunze, kumbure tuzoshobora gukora igikorwa co gusengera abarwaye cankeibindi. Hanyuma, hariho na za nzamba ndwi zitegerezwa kuza, murabona, bo naza nzavya ndwi zitegerezwa gusukwa, ivyo vyose bifatanirije hamwe, arikobiracari ibanga. Kuri wa mugoroba twarabonye ica mbere kimatanije ca Gitabo bon'uwugendera kw'ifarasi yegereje. Umwami n'amfashe kuko ivyo bintu ntarindabizi, n'ivy'ukuri. Ndinjira gusa mu cumba canje, ngafata Bibiliya yanjemaze nkaguma nicayeho gushika aho…Iyo ivyo bintu bitanguye kududubiza,nca mfata gusa ikaramu yanje maze ngatangura kwandika maze rimwe narimwe nkaguma ngaho, hanyuma nkaguma aho ikiringo c'amasaha atari makegushika aho birangira.

21 Hanyuma ngaca nsubiramwo ivyo nabonye igihe yariko avugana nanjemaze nkavuga nti : « Ego, umenga nari maze kubibona ahantu ! » Nca mfataaho nanditse ibindi Vyanditswe maze nkarondera, hanyuma nkabonandabitoye : Aha hariho ikintu, n'ikindi aha, n'ikindi hariya. Hanyuma vyosengaca ndabihuza. Mba nzi ko ivyo bivuye ku Mana igihe cose bihuje,Icanditswe ku kindi. Ukwo ni kwo bikwiye kugenda. Ni nk'igihe umuntu arikoarubaka inzu : Vyose bitegerezwa guhura, ibuye ku rindi.

22 Ejo ku mugoroba twaramenye ica gatatu kimatanije ca Gitabo. Ubwa mberehabayeho ifarasi y'igitare, hanyuma ifarasi y'akagajo, hanyuma y'ivyo hazaifarasi y'agafyiri. Kandi twarabonye ko barya bagendera ku mafarasi, yagumaari wa wundi, yari antikristo kuva kw'itanguriro. Nta gitsibo yari afise, arikoyakironse mu nyuma. Hanyuma twarabonye ko yaciye ahabwa inkota ngo akureamahoro mw'isi, kandi twarabonye ko ari vyo yakoze. Nyuma y'ivyo yaje azananye imitegekere yiwe kugira ngo ishengero arigureamafaranga (Idenariyo kuri ibi, idenariyo zibiri kuri ibi) ariko yarabujijwegukora ku mavuta no kuri vino, kuko ni vyo

vyonyene vyari bisigaye. Ego ku mugoroba twagarukirije ku kubereka arya mavuta na vino ivyo arivyo n'ico bikora. Ivyo vyabaye nk'ibintu bigumye, ariko ni ukuri kutagabanije.

23 Ubu rero, tumare umwanya mutoya twiyibutsa ivyo bintu.Twagarukirije kubushobozi bwa vino. Amavuta agereranya Mpwemu. (Ndibaza ko mwese ivyomwavyanditse; atari uko, muzosubira kuvyumvira kw' ikaseti, ari nahomuzosanga n'imirongo ijanye navyo mu Vyanditswe vyera.)-Amavuta yamaagereranya Mpwemu Yera, nka za nkumi z'ibijuju zitari zifise amavutamu gihe za nkumi z'ubwenge zari zifise amavuta ari yo Mpwemu Yera.Ivyo turabibona mu vyo abavugishwa n'Imana banditse n'abandi. Ni vyo ko aha ntaja kugerageza gufata umurongo wose wo mu Vyanditswe ;hari n'ibintu ntashobora no kuvugako kuko ivyo vyofata umwanya munini.Ariko ngerageza gutanga imirongo imwe imwe gusa yo mu Vyanditswe kugirango abantu bashobore kumenya kandi bashobore kwumva ivyo. Ariko mutanguye kwiga mushimitse kuri kimwe muri ivyo bimatanije caGitabo, mwoshora gukuramwo ubutumwa buri musi mu kiringo c'ukwezikwose mutaraninjira mu cigwa ca kimwe mu bimatanije ca Gitabo. Hari ibintuvyinshi cane muri vyo. Ariko mugarukirije ku kubica ku masonga, mwoshoboragutahura ivyo ari vyo.

24 Amavuta agereranya Mpwemu Yera. Twarabonye ko amavuta na vinovyama bijana mu guhimbaza Imana. Maze vino, nk'uko nabivuze (ivyo nivyo Imana yandongoye kuvuga), vino igereranya ubushobozibw'ugusisimuka gutewe n'Uguhishurirwa. Iyo ikintu cahishuwe, ivyo bihauwizera ugusisimuka kuko ivyo aba yabihawe n'Uguhishurirwa.Murabitahura ? Ni ikintu Imana iba yaravuze, ni ibanga. Ntimushoborakubitahura. Hanyuma, haheze igihe kanaka, Imana iramanuka, ikagihishurahanyuma ikacemeza.

25 Ni mwibuke ko iyo ukuri guhishuwe, ukuri kurongera kukemezwa.Umuntu naho yoba umunyabwenge gute, naho ivyiyumviro vyiwe vyobabirashe gute, iyo Imana idashigikiye ivyo avuga ni uko haba hari ikintu kitarico. Ni ivy'ukuri kuko ari Ijambo. Igihe Mose yasohoka, ahumekewe n'Imana, maze akavuga ati : « Nihabehoibibugu ! » ibibugu vyaciye bibaho. Igihe yavuga ati : « Nihabeho ibikere ! »,ibikere vyaciye bibaho. None naho iyo avuga ati : « ibibugu ! », mazentibibeho ? Murabibona ? Aho rero ntiyobaye yavuze Ijambo ry'Umwami,yobaye yavuze ijambo ryiwe bwite. Yari gushobora kwiyumvira ko hari hakwiye kubaho ibibugu ariko nta nakimwe cari kuza kuko Imana itari kuba yabimubwiye. Iyo Imana ibabwiyeikintu iti : « Genda ukore ibi kandi nzoba ndi muri vyo, kuko ari Jewe ndabivuze », maze ikacerekana muri Bibiliya, Imana izoba iri muri vyo ukwobizomera kwose, iyo ari Imana yabivuze. Murabitahura ? Kandi iyo ivyobitarimwo, bihishurirwa abavugishwa n'Imana. Turabona neza ko Imanaimenyesha amabanga yayo abavugishwa na Yo bonyene (Amosi 3 :7).

26 Gurtyo rero ubushobozi buvuye mu guhishurirwa buzanira uwizeraugusisimuka, nk'uko nyene vino isanzwe izana ugusisimuka. Murabibona?Kuzanira gusisimuka uwubabaye n'uwudendebukiwe. Murabitahura? Hariho rero ubushobozi mu guhishurirwa Ijambo butangaugusisimuka kw' umunezero ku wizera, ugusisimuka n'uguhimbarwa. Niugusisimuka kuza iyo ryemejwe n'iyo rivugutiwe. Mu Vyanditswe (kandi nivyo dushaka kwama twishimikiza), yitwa « igisama ». Twama twishimikizakuri aka kajambo ngo : « Baborewe igisama ». Ni ukuvuga vino yo mu buryobw'impwemu. Nibaza ko insobanuro nyayo yoba : « Vino y'uburyo bw'impwemu ».

27 Nk'uko vino isanzwe yigaragaza mu bushobozi busisimura, ni nako igisamagikora mu guhishura Ijambo ry'Imana ari ryo Mpwemu. Murabibona ? Ijamboubwaryo ni Mpwemu. Muravyizera ? Reka tubisome maze ntimuzobamukivuga muti : « Ni umuntu yavuze ivyo ! ». Reka turabe uwubivuga, mazerero turaja kubona ko ari ukuri canke ko atari ukuri. Yohana, igice ca 6, umurongo wa 63 : « Impwemu ni zo zitera ubugingo, umubiri nta co umaze: Amajambo mbabgiye n'impwemu n'ubugingo »

28 Ijambo ubwaryo ni Mpwemu ; ni Mpwemu mu mero y'Ijambo.Hanyuma rero, murabona ko iyo rihawe ubugingo (canke rikagirwa rizima),Mpwemu w'Ijambo aca aja mu gikorwa agakora. Murabibona ? Ubu reronimugabe kuri ibi : Bikwiye ko kibanza kuba iciyumviro imbere y'uko kibaijambo. Maze iyo iciyumviro gishizwe ahabona, kiba kibaye Ijambo.61. Kandi Imana ivyiyumviro vyayo ni vyo yashize mw'Ijambo, iyo rerotubihawe na Yo, bica bicika Ijambo. Imana yarahishurira Mose ico yategerezwa gukora. Mose yaravuga Ijamborigaca rishika. Murabibona? Ukwo nikwo bimera iyo ivyo bivuye ku Manavyukuri. Kandi turabona ko ivyo bisisimura kandi bigatanga umunezero kukoari Ijambo ry'Imana. Igisama kirasisimura iyo Ijambo rihishuwe, hanyumarimwe na rimwe kikazana umunezero mwinshi (ivyo turamaze kuvyigako),gitera umunezero mwinshi ku buryo ubarengera.

29 Ndazi ko hariho ukwishushanya kwinshi kandi hakaba n'abantubadendekeranya utuntu. Ndazi ko rimwe na rimwe babikora bariko baratamban'ibindi. Ndazi ko ivyo ari ko bigenda. Narabonye abantu bavuza akamobakongera bagasimbagurika igihe cose bamara bariko baratamba, ariko umuziki uheze bagaca bahagarika. Ku binyerekeye, ivyo sindabigwanya. Murabona,igihe cose abantu bazoba bagendera mu bugororotsi……Ariko mukwiyekubanza kuzana Ijambo. Ng'ico ikintu kizana vyukuri ubugingo; ni Ijambo. Niryo rizana umunezero n'ugusisimuka gutewe n'igisama. Kandi ni vyo vyashitseku musi wa Pentekote, igihe Ijambo ryashitswa.

30 Ubu rero nimwumve ivyo Yesu yababwiye (Luka 24:49 n'Ivyakozwe n'Intumwa 1:4) ati: « Umve,

ngira mbarungikire ico Data yasezeranye; arikomugume mu gisagara, kugeza aho...». Isezerano rya Data ryari irihe? Yoweli 2:28. Turabona ko azosuka Mpwemu. Yesaya 28:11 haratwereka ko hazobaakanwa katumvikana, n'izindi ndimi na birya bintu vyose. Baragiyebarashikayo ivyo bintu barabiciyemwo. Nkumbure ko hari uwavuze ati: «Ndibaza ko twarindiriye cane bihagije. Ibibintu tuvyemere gusa mu kwizera. » Ni inyigisho nziza y'Ababatiste, ariko kuriabo bene Data ntivyakunze. Ubwa mbere ivyo vyategerezwa kugaragara,gurtyo bagumye barindiriye ko Ijambo rishitswa, kugira ngo batangureigikorwa. Kandi iyo muje kurondera Mpwemu Yera, mukora nk'uko nyene. Ni ivy'ukuri, ivyo mushobora kuvyemera mu kwizera; Kristo ni wemutegerezwa kwemera mu kwizera; ni ukuri kwuzuye. Kandi mwemeraMpwemu Yera mu kwizera; ariko hanyuma mukareka Mpwemu Yeraakabaha ugukebwa nk'igishingantahe ko yemeye ukwizera kwanyu.

31 Aburahamu yizeye Imana maze ivyo abiharurwako nk'ukugororoka, arikoImana yamuhaye ikimenyetso c'ugukebwa nk'ikimenyamenya c'uko yemeyeukwizera kwiwe. Dutegerezwa gukora nk'uko nyene. Dutegerezwa kwitegaMpwemu Yera gushika aho agira ico akora. Si ngombwa ngo tube twaravuzemu ndimi, si uko tuba twaratamvye canke tukaba twaragize ibigumbagumbacanke tukavuza akamo……Igihe cose tutaba turahinduka, igihe cose ata kintukiba kirakoreka vyukuri, ukwo ico kintu coza kwose, igikuru n'uko coza, ico nico ca ngombwa!

32 Ndizera ko kuvuga mu ndimi n'ivyo bintu vyose ari ibintu vyiza cane arikonta co bimara vyonyene, kandi murazi ko ata kamaro bizogira. Ari ivyovyonyene nta kamaro bizogira. Narabonye abapfumu n'abanyamareba bavugamu ndimi bongera batambira mu mpwemu. Nta nkeka! Ikaramu ry'igitiryariyandikisha ku rupapuro mu rurimi rutamenyekana, hakagira uwusobanuraivyari vyanditswe, kandi kwari ukuri. Ni ivy'ukuri ryaba ryanditse neza na nezaibija gushika, kandi ivyo vyashitse neza na neza nk'uko nyene! Narabonye bisurira inkungugu ku mutwe, bakikebaguza imbugita mazebakiraba bakoresheje amaraso y'impongo canke y'ibindi bikoko hanyumabakambaza wa murwanizi! Ni co gituma, murabona, kuvuga mu ndimintibihagije. « N'aho novuga indimi z'abantu n'iz'abamarayika, ariko ntagira urukundoivyo nta co vyomara. » N'iyo nobaye nshoboye kubikora! Gurtyo rero ivyobintu ntibisigura ko mufise Mpwemu Yera. Ariko iyo We, ubwiwe,Mpwemu adapfa wa Kristo abaye umukiza wawe bwite, akaguhindurakandi akakurongorera guhanga amaso i Karuvariyo mw'Ijambo ryayo,haba hariho ikintu cabaye. Nta nkeka! Haba hari ikintu cakoretse! Nta wuziririwa arabibabwira: Igihe ivyobizozira, muzobimenya.

33 Iyo igisama kizanye uguhishurirwa, biba rerobihishuwe, kandi uko niko vyagenze ku munsi wa Pentekote. Bari bazi koMpwemu yategerezwa kubasukwako, kandi bararindiriye gushika ivyo bishitse.Maze igihe uguhishurirwa kwemezwa ni ho rero Ugusisimuka kwaza muri bo. Nta nkeka! Ivyo vyatumye habaho kubiragira. Ubwo nyene baciyebamanuka mu mabarabara, gushika ico gihe bari bafise ubwoba n'imiryangobari bagumye bayugaye. Ariko ico gihe baciye bamanuka mw'ibarabara,babwira ubutumwa bwiza ba bantu nyene bahora batinya.Ni ivy'ukuri. Hariikintu cari cakoretse kuko Ijambo ry'ukuri ryasezeranywe ryari ryemejwe. Aha tuhahagarare akanya gato.

34 Namba ivyo vyazanye ibintu vyiza muri abo bantu ku buryo ubiravye bosebasozereye intahe yabo bishwe….Mu vyashitse vyose, mu buzima bari basigajekubaho ntibigeze bavyibagira. Ivyo vyabagumyemwo kuko ryari Ijambonyakuri ryasezeranywe ryari rishikijwe. Uguhishurirwa kwaremejwe mazebarapfa basozera igishingantahe cabo mu kwicwa. Ubu rero nimuzirikane isezerano ryasezeraniwe igihe canyuma. Ahaturaribona ryemezwa neza na neza imbere yacu, ukuza kwa MpwemuYera muri iki gihe n'ibikorwa ategerezwa gushitsa. Ivyo turabibona nezana neza hagati yacu. Oh, bene Data! Ivyo dushobora kuvyumva gute? Bagenzi, hari ikintu kirikokirakoreka, ni jewe ndabibabwiye! Uwizera nyakuri w'imvugakuri,yatoranijwe, iyo uwo Muco ukoze kuri urwo rubuto, hari ikintu gica ciburukacerekeje ubugingo busha.

35 Bariya baherezi bari buzuye ubumenyi bwinshi baravuze bati: « Emwe, niwa murwanizi. Ni umupfumu. Nta kindi akora atari ugupfumurira abantu, niidiyimoni. » Ariko igihe wa mugore yari afise urubuto rwatoranijwe….Mwokwibaza ko bitari ivy'ukuri, ariko yamara, ni Yesu yavuze ati : « Ntawuza kuri jewe Data atamukwegereye, kandi abo Data yampaye bose bazoza. »Kandi mu misi y'iherezo antikristo azoba ashoboye ….Ni irya mpwemu ya antikristo turiko turigako iri mw'idini kandi turafise icemezo koimpwemu y'idini ari iya antikristo.

36 Reka tube imvugakuri. Uwo ari we wese yova aha ubu akabandanya yizerako uburyo amadini akoramwo atari ubwa antikristo, ni uko hoba hari ikintukitari co muri we. Ariko vyaragaragajwe na kahise n'ibindi, no muguserangura Bibiliya y'Imana kuva ku ntango gushika ku mpera ko ariivya antikristo kandi ko Uburoma ari bwo bubirongoye kandi amashengeroyarikomotseko ariko arakurikira neza na neza iyo nzira nyene, kandi bompibazotererwa mu kiyaga caka umuriro. Ni ivy'ukuri. Turabona rero ivyo bintu birimwo impwemu ya antikristo. Kandi igiheturimwo categerezwa kutuzanira umunezero utavugwa kandi wuzuye ubwiza. Ubwo nyene igihe ico kintu cakora kuri urya mugore, urubuto rwaciyeruseruka.

37 Ni mwibuke ko Bibiliya ivuga ko mu misi ya nyuma uwo antikristoazozimiza isi yose. Hazosigara bakeyi gusa, abo amazina yabo yanditswe muGitabo c'Ubugingo ca wa Mwagazi w'intama isi itararemwa. Maze

iyo ukwokugaragazwa nyakuri kw'Ukuri kw'Ijambo ry'Imana ryahishuwe gukozeku mutima, Mpwemu Yera aca ava mw'Ijuru anyaruka ukwo ashoboyekandi ntimushobora kumuhagarika kuko buba ari ubugingo bushasha buserutse.

38 Ubushize hari umuntu twariko turavugana.Yariko agerageza kugwanya ivyomvuga, avuga ati : « Nta soni ufise zo kuvuga ko Imana yaremye isi n'Ijuru mumisi itandatu ? » Nca ndishura nti : « Ni ko Bibiliya ivuga. » Aca arongera ati : « Hari ibimenyamenya bidutuma twemeza ko isi imazeimyaka amamiliyoni. » Nca ndavuga nti : « Ivyo nta sano bifitaniye. Mw'Itanguriro 1:1, havuga hati : « Ubwa mbere na mbere, Imana yaremye amajuru n'isi. » Hariakaburungu. « Isi yari ikiri ibuziba, yariko ubusa gusa. » Maze nca ndavuganti : « Ndizera ko urubuto rwose ariko rwari ruri, rwasigaye mu vyari mu rundirunganwe rwagiye canke mu kindi kintu, maze ubwo nyene amazi agipfagukama, umuco ukarasira kw'isi, ibiti n'ibindi bintu vyose vyaciye bitangurakumera. » Ni ko bimeze no ku muntu ; ni ikigereranyo. Iyo ibipfungu vyose vyeyutsemaze ukuri kugahishurirwa urwo rubuto nyakuri ruba ruri aho, rwahaweubugingo, maze umuco w'Ubutumwa bwiza ugashobora kubikorako biciye mukwemezwa nyakuri kw'Ijambo, ruzoba ruzima kuko rufise ubugingo muri rwo.Bitari ukwo, ntirushobora kuba ruzima kuko rutarimwo ubugingo.

39 Amazina yabo yanditswe mu Gitabo c'Ubugingo ca wa Mwagazi w'intamaimbere y'ukuremwa kw'isi. Zizosokoroka, nta nkeka. Ni co gituma Yesu yicayehariya arindiriye ngo igikorwa ciwe c'Umuhuza gishika ku rubuto rwanyuma.Azomenya neza na neza igihe ategerezwa kudodorera.87. Nk'uko Mwigisha Lee Vayle yabivuga (ndibaza ko akiri ahantu hamwengaha muri iyi nzu ; haraheze imisi ntamubona. Sinibaza ko nobanamubonye……Ah ego ! Ng'uriya)…..Umusi umwe yarandungikiye akagapapuro kanditse ko ivyo Irénée yavuze. Naragenzuye cane ubuzima bwaIrénée kugira ngo menye neza ko yari umumarayika w'Ishengero ry'igihe ciwe.Irénée yavuze ati : « Mu gihe ca nyuma, igihe uwa nyuma agize wa mubiriazinjirira, muri ico gihe ca kintu kizoca gihishurwa. » Kandi neza na nezaubu niho turi. Murabibona ? Turi muri ico gihe.

40 Abapentekote bagize ibihe vy'umunezero utovugwa. Barasisimutse vyukurink'uko vyoshikira uwundi wese. Reka twibaze gatoyi kuri Dawidi. Yarahaweugusisimuka na we nyene. Yaravuze ati : « Igikombe canje kirasesekaye ! »Nshaka kuvuga ko vyukuri hari ikintu ciza cane cakoretse mu bugingo bwiwe.Ni igiki camutumye avuga ivyo ? Igihe yaba ari muri Mpwemu. (Kuko yariuwuvugishwa n'Imana, turabizi. Bibiliya iravuga ku wavugishwa n'ImanaDawidi)… Yari uwavugishwa n'Imana, yari muri Mpwemu maze abona izuka.Namba mushaka kubisoma, ni muri Zaburi 16 :8-11. Aravuga ati : « Kandiumubiri wanje urahimbawe. Ubu ndi ahatagira inkomanzi kuk'utazorekaubugingo bwanje ngo buje i kuzimu kandi ntuzokundira uwera wawengw'az'abore.» Ndababwiye ko igikombe ciwe caciye gitangura gusesekara. Kuko uko birikwose yabonye ukuzuka maze igikombe ciwe gica kirasesekara.

41 Muri 2 Samweli 6 :14, namba mushaka kuhandika, igikombe ca Dawidikirongera kigasesekara. Hari haheruka kuba igihe c'uruzuba. Isanduguy'isezerano bari barayitwaye. Umwansi yari yaraje maze anyaga isanduguy'Uhoraho, arayitwara maze ayitereka imbere ya dagoni, maze dagoni yariyatemvye yubamye. Bari baciye rero bajana Isandugu y'Isezerano mu kindigisagara, aho ivyago vyadukiye. Ntibari bwigere bakora mu ntoke ikintu giturira nk'ico kandi ntibari baziukuntu bocikurako kuko ntiyari mu kibanza cayo. Ni ko guca bayishira kumukogote ukwegwa n'inka kugira ngo bayigarukane mu kibanza cayo. IgiheDawidi yabona ya sandugu y'isezerano ishitse, murazi ico yakoze? Yarujujwecane ku buryo igikombe ciwe casesekajwe n'ugusisimuka. Abonye Ijamboryahishuwe rigarutse muri Isirayeli yaratamvye, aratamba, atambira muriMpwemu ayizunguruka. Igikombe ciwe carasesekara. Murabitahura? Kuberaiki? Kuko yari abonye Ijambo rigarutse ! Nibaza ko uwo ari we wese yategerezwa gusisimuka abonye ivyabayemuri iyi myaka yose ishize, aho twabwiwe iri Jambo ry'ukuri nk'ukoisezerano rivuga kandi rikemezwa imbere yacu. Oh, mbega ibihe, mbega ibihe vyiza cane !

42 Ubu rero, reka dusome. Ngumye mvuga, sinoshika ku cigwa canje kandinoca mbwirizwa kubagumiza ngaha gushika isaha zine n'igice. Ejo kumugoroba nahejeje hakiri kare, kuri uno mugoroba rero ndaja kubafatiraumwanya muremure! Ndiko ndajajura! Turaja gukora gusa nk'uko Umwamiaturongora. Ivyahishuriwe Yohana 6 : 7 : « Kand'amenye ica kane kimatanije ico Gitabo, numva ijwi ry'ikigirakane mu binyabugingo, kiti : Ngwino ».

43 Ariko rero, igihe wa Mwagazi w'intama yugurura ica kane kimatanije ca Gitabo….Duhagarare ngaha kuri iki ca kane kimatanije ca Gitabo. Ni nde yakimenye? Ni wa Mwagazi w'Intama. Ni nde wundi yari abibereye? Ntawundi yari gushobora kubikora. Oya ! Wa Mwagazi w'intama ni We yamenyeica kane kimatanije ca Gitabo maze ikigira kane muri vya binyabugingo,ikinyabugingo gifise ishusho y'inkukuma kibwira Yohana, giti : « Ngwinourabe irigira kane mu mabanga ari mu mugambi w'ubucunguzi ryanyegejwemuri iki Gitabo » (kuko wa Mwagazi w'Intama yariko arakimena) Mu yindimvugo ni ko cariko kiravuga. Aha hari ibanga rigira kane. Narabiberetse mukigereranyo. Yamara Yohana yanditse ivyo yabona (sinzi ko mwabitahuye).Ariko ryari ibanga, nta n'ibindi yashoboye kwandika kiretse ivyo yabayabonye. Wa Mwagazi w'Intama yariko aramena ico kimwe mu bimatanije caGitabo, ariko Imana ntiyagira igihishure; vyari birindiriye igihe c'iherezo.

44 Twarabonye ikigereranyo kandi rimwe na rimwe twarabisesanguye nezacane, murabibona. Ariko turazi

ko ibintu vyateye bija imbere. Maze ubu mugihe ca nyuma, turashobora kuraba inyuma maze tukabona aho ivyo vyabereyen'ibitegerezwa gukorwa kw'iherezo ry'ibihe vy'ishengero, gato imberey'izamurwa.96. Ishengero rishobora gute gucishwa muri vya vyago, nta vyo nzi ! Ni igikicotuma rica muri vya vyago kandi ata caha rifise ? Sindiko ndavuga ishengero.Iri rizoca muri vya vyago bihambaye. Ariko ndiko mvuga ku Mugeni.97. Umugeni ntashobora guharurwako icaha na kimwe. Vyarogejwe kandi ntan'akamoto kavyo kagisigaye. Nta na kimwe kigisigaye. Aratunganyeimbere y'Imana. Nta vya vyago akeneye kugira ngo atunganywe, arikoabandi barabikeneye. Ishengero ritegerezwa guca muri vya vyago, arikoUmugeni ntazobicamwo. Ivyo tubisanga mu bigereranyo vy'ubwoko bwose nk'ishengero(rigereranywa na Nowa) ryavuye mu caha maze rikagisubiramwo. Barabikize,ariko Henoki we yagiye imbere ya wa mwuzure. Yari ikigereranyo c'aberabazozamurwa imbere ya vya vyago.

45 Turabona ko uwo Mwagazi w'intama wamenye ico kimwe mu vyaribimatanije ca Gitabo. Nimurabe ko ikinyabugingo ca mbere twabonye cariintambwe, ikinyabugingo. (Ivyo twarabibonye muri ca Gitabo c'ibihevy'Ishengero). Hanyuma ndibaza ikigira kabiri mu binyabugingo cari gifise mumaso h'ikimasa, canke h'inyana. Ikigira gatatu cari gifise mu maso hasan'ah'umuntu. Ariko ikigira kane cari gifise mu maso hasa n'inkukuma. Uko ni ko neza na neza twabonye bikurikirana kandi uko ni ko neza naneza bitonze muri ico Gitabo.

46 Igihe kimwe muri Floride, hari umuvuga butumwa umwe akomeye yavugako igitabo c'Ivyakozwe n'Intumwa atari ikindi atari icifadikizo c'ishengero.Ngo ishengero ryo, riri muri za njiri zine. Turabona neza na neza ko ariigihushane, zirya njiri zine ni zo zirinze igitabo c'Ivyakozwe n'Intumwa.Igitabo c'Ivyakozwe n'Intumwa canditswe bahereye kuri zirya njiri zine.Kandi turongera tukabona muri ico Gitabo ko barya barinzi ari bo bahagaze,barinze mu buseruko, mu buraruko, mu burengero no mu bumanuko.Nimwibuke ukuntu twabacapiye ivyo bintu ngaha, mbega ukuntu ivyo bintubija neza mu kibanza cavyo!

47 Ni murabe uko bica bigenda iyo Yohana abwiwe ngo : « Ngwino, urabe ».Aca abona uwa nyuma muri bamwe bagendera ku mafarasi aje kugaragazaigikorwa ca antikristo. Ejo ku mugoroba tuzobona ubugingo buri munsiy'igicaniro. Ku mugoroba ukurikira tuzobona ivya vya vyago hanyuma tuboneivy'izamurwa kw'iherezo ry'igihe, iherezo ry'igihe c'ibintu vyose, igiheUmugeni azamuwe.103. Ni co gituma muri kirya kigira indwi nyene kimatanije ca Gitabo, inzavyazirasukwa n'ibindi bigasukwa. Ivyazo ntavyo nzi.

48 Ubu rero nimurabe ko duca tubona ko iki kinyabugingo kije ari inkukuma.Mu yindi mvugo, hari ibihe bine bitandukanye. Harabayeho igihe c'intambwe.Turabona ko iki ari igihe ca kane. Caravuze kiti : « Ngwino urabe ibanga rigirakane ryo muri ca Gitabo c'Ubucunguzi ryahishijwe muri ico Gitabo. Ngwinourabe ! » Maze Yohana aragenda, aca abona ifarasi ibenjutse, kandiyongera kubona uwo yagendera kw'ifarasi ari kuri iyo farasi ibenjutse.Yitwa « Rupfu ».105. Nimurabe ibi : Nta wundi agendera kw'ifarasi yigeze agira izina imberey'aho ariko ubu yitwa « Rupfu ». Ubu ni ho amenyekanye uwo ari we, ni rupfu.

49 Emwe, twoshobora kuvuga ubutumwa kuri ivyo gusa ! Kugira ngo nshoborekubibereka neza, novuga ibi nti : « Icitwa anti cose kiba kigwanya ic'ukuri,kandi ico ntigishobora kuba ikindi atari urupfu, kuko hari ibintu bibirigusa ari vyo ubugingo n'urupfu. Kandi ivyo biremeza ko ivyo Mpwemu Yerayahishuye muri iki gihe ari ukuri kutagabanije. « anti » ni urupfu kuko Ijamboari Ubugingo (nk'uko tuja kubibona hanyuma). Murabibona ? Kandi uwomuntu yitwa « Rupfu ».

50 Kandi izina ry'uwo agendera kw'ifarasi ntiryavugwa, ariko ubu turabonako yitwa « Rupfu ». Ariko igihe c'ukugaragara kw'intambwe ….. nimwiyubare!Ibi ngira ndabisome uko vyanditse kugira ngo menye ko ari vyo (Ivyonavyanditse ahantu hamwe ngaha). Ivyo ntibihishurwa mu gihe c'Uguhishurwa kw'igihe c'intambwe cankeigihe ca mbere. Igihe gikurikira cari igihe c'ikimasa, igihe c'umwijima, ca gihekiri hagati y'ikinjana ca gatanu n'ikinjana ca cumi na gatanu. Ivyontivyanahishuwe no mu gihe c'ikinyabugingo c'ubwenge gifise mu masoh'umuntu, gisigura bamwe baringaniza ukundi gusha ivy'ugusenga, aribo baLuther, Wesley n'abandi.108. Ariko ni mu gihe c'inkukuma, igihe ca nyuma, igihe c'ubuvugishwa ahohazotangwa amajambo y'ubuvugishwa kuko amabanga ahishurirwaabavugishwa n'Imana.

51 Turaja guhagarara akanya gato kuri ico cigwa kugira ngo kuri unomugoroba mutahure neza. Murabona neza ko akenshi ntavuga mbwiraabakoraniye hano gusa. Aya makaseti aja hose. Murabibona ? Birakwiye reroko ntanga ibi bintu mu buryo butomoye kuko hamwe umuntu yoronka ikasetiimwe gusa ataronse ubutumwa bwose, birakwiye ko atahura. Imana yasezeranye ivyo kubw'iki gihe kugira ngo iheraheze biryabintu vyose bitandukanye vyarimwo amadidane. Twarumvise ivy'impuzu zaEliya, wa mutamana wa Eliya. Harabayeho abantu ba ….. . Ngo John Alexander Dawie yahambwe ahantu hamwe ngaha, ahambiriwe mw'ikanzundende ; yavuga ko ari we Eliya. Twarumvise ibintu vy'ubwoko bwinshi bisan'ivyo. Ukwo bimeze kwose, ivyo bisigura iki ? Nta kindi atari ukugira ngobazimanganye ukuri kugiye gushirwa ahabona.

52 Harabayeho ba kristo b'ibinyoma imbere y'ukuza kwa Yesu. Bamyebabaho. Satani ni we azana ikintu c'iciganano, kiba kije kugira ngo gisamazeivyiyumviro n'ukwizera kw'abantu imbere y'uko ico kintu gishika vyukuri. Niuko. Mbega Gamaliyeli ntiyabwiye nk'ivyo nyene abayuda ? Yaravuze ati :« Mbega ntihari umuntu yihagurukije maze akiyita uyo, uwo abantu bagera ku majana ane bavuye mu bugaragwa

bamukondorera inyuma maze bagahona ?Yesu yavuze ati : « Igiti cose kidatewe na Data wo mw'Ijuru kizorandurwa. »Gamaliyeli arongera aravuga ati : « Nimubareke. Nivyaba bitava ku Mana,mbega ntibizosendwa ? Ariko ni vyaba biva ku Mana, mwoye kuzosangamurwanya Imana. » Urya mugabo yari afise ubwenge, yari umunyabwenge w'Ivyagezwe.

53 Ni musabe rero ibi. Kugira ayo mabanga yose yegeranywe, Imanayarasezeranye ko izohagurutsa Eliya w'ukuri, umuntu yarobanujweamavuta na Mpwemu kandi azozana uguhishurwa. Yarabisezeranye muri Malaki 4. Aha ndafise amakete atari make n'inzandiko zivuga ko atariko bimeze,ariko nashaka kuvugana n'umuntu yazanditse. Ntimushobora guhakana ko ivyompejeje kuvuga ari ukuri.Umuntu wese yanonosoye ivya tewolojiya arazi ko ariukuri kutagabanije kandi aravyiteze. Ariko bizomera neza na neza nk'uko bajebagana Yohana, uwabaye integuza y'ukuza kwa mbere kwa Kristo. Namba batamumenye na mba, ni kubera ko hari ibintu vyinshi vyiza canevyari vyavugishijwe kuri we. Yategerezwa kuringaniza akarambi kose,umwonga wose ukuzuzwa kandi ahari uduhogoro hagacika ikiyaya. Yesaya,imyaka 712 imbere y'ukuvuka kwiwe, Malaki imyaka 400 imbere y'ukoatangura gukora, bose bavugishijwe ivyiwe. Bari biteze kuzobona umuhora uvamw'Ijuru maze uwo muvugishwa n'Imana akaza aturutse neza na neza kuMana, afise inkoni mu minwe.

54 Ariko hashitse iki ? Yari umuntu atashobora no kwerekana ikaratay'ubunywanyi canke ikimuranga. Yari yagumye mu bugaragwa, atigeze yigan'amashure mato mato. Abize ivya kahise batubwira ko yagiye mu bugaragwaafise imyaka icenda, abavyeyi biwe bamaze gupfa. Igikorwa ciwe carigihambaye cane ku buryo kitari kwononwa n'iseminari kanaka.Yategerezwa kwerekana Mesiya. Imana ntishobora gukoresha umuntu yuzuyemwo za tewolojiya.Ntishobora kubikora kuko bene uwo muntu azokwama ahengamira mu vyoyigishijwe. Yama abigarukamwo. Gurtyo rero iyo hagize ico abona, yamaagerageza kukigarukana ku vyo abanyabwenge bigishije, kandi yari akwiyekuja kure y'ivyo bintu maze akizera gusa Imana. Turabona ko vyabacitse. Mbere n'Intumwa zari aho vyarazicitse. Zaravugaziti : « Mbega Ivyanditswe (abanyabwenge b'Ivyanditswe) ntibivuga koEliya..? » Yesu akababwira ati : « Yaramaze kuza, yamara ntimwamumenya. » Ng'uku rero ukuntu mbona ivy'izamurwa. Ndazi ko bisa n'ibidasanzwe,ariko kumbure ko muja kumenya ibitari bike kuri uno mugoroba, Umwaminiyavyemera, muraja kumenya ukuntu rizoba. Rizoba ari ibanga cane ku buryoata n'umwe azobimenya. Isi izobandanya gusa ikora nk'uko yamye ikora.Vyama bigenda gurtyo.

55 Murazi, nibaza ko ata n'umuntu umwe ku bantu ibihumbi cumi babakw'isi yoba yaramenye Yesu Kristo igihe yari hagati yacu. Murazi, igihe Eliyayavugishwa, nibaza ko ata n'umwe yamenye uwo ari we. Bari bazi ko hariyaruguru hariho umusazi, umusaza akavya kandi baramwanka. Nta nkeka !Bamwita « umuntu ivyiwe bidatahurika »122. Nibaza ko umukristo wese yavutse ubwa kabiri aba ari umuntu ivyiwe« bidatahuritse » ku b'isi, kuko aba yarahinduwe. Uba uri uwo mu yindi si.Impwemu yawe yavuye hakurya ya ya manga, mu gihe ngaha kw'isi vyose ariibore. Namba adatandukanye n'abandi, ni uko haba hari ikitari co. Ubaukibohewe cane kw'isi. Ivyiyumviro vyawe vyategerezwa guhindukiriraIjuru. Ijuru ribeshejweho n'Ijambo.

56 Turabona ko ico kintu ciza cane cakozwe. Turizera ko hategerezwakubaho ukuza kw'impwemu nyakuri ya Eliya. Murabona ko ivyo vyarivyarabuwe. Kandi dutegerezwa kwibuka ko azoba ari hano mu gihe gikwiye,mu gihe ciwe. Birashoboka ko ubu twoba turiko turashiraho amatanguriroyavyo. Kandi ntibizigera biba idini na mba. Kuri ivyo, hari umwe wo mu bagenzi banje tudahuza. Yavuze ko uzoba ariumugwi w'abantu. Nashaka ko mu binyereka mukoresheje Ivyanditswe. Imanaidahinduka, ntiyigera ihindura integuro zayo. Iramutse ibikoze, ntiyoba ariImana (ni ivy'ukuri!) kuko yoba iharurwa mu bapfa, ata co izi kundusha kandiyihenda. Imana ntiyigeze ihindura integuro yayo mbere uhereye no mu giheco mw'itongo rya Edeni: Yashizeho umugambi w'ubucunguzi, kandi ni amaraso.

57 Twaragerageje ivy'amashure, ivyo gutwaza umukazo, ibijanye n'inyifato,ivy'amadini. Twaragerageje vyose kugira ngo duhuze abantu, kugira ngodutume bakundana, n'ibindi. Nta kindi gishobora kuduhuza bitabereyemunsi y'amaraso. Ni ho honyene Imana ihurira n'umuntu. Imana yama ikorana n'umuntu umwe. Ahari abantu babiri, haba hariivyiyumviro bibiri. Ntihigeze haba abavugishwa n'Imana nyamukuru babiribakorera mu gihe kimwe. Ni musubire inyuma muri kahise maze muvyirabire.Haba na mba! Hociye haba amadidane menshi. Ategerezwa kuba ari umuntuumwe yiyeguriye rwose ibiganza vy'Imana, maze Imana igashoborakumukoresha. Uwo muntu ni we irondera kandi igihe kimwe azoboneka, umuntu azoyumvira urudome ku rundi.

58 Ivyo uwundi wese yovuga, nta co bitwaye, aho ntazohava. Ni ivy'ukuri. Azokwitega UKU NI K'UHORAHO AGIZE kandintazonyiganyizwa kugera ayihawe. Azokwemezwa neza na neza. Ego ni vyoko ab'isi bazomwanka, ariko nk'uko vyabaye mu gihe ca Yesu, urubutoyihitiyemwo, urubuto rwatoranijwe, uwo Muco niwaka urwo rubuto ruzocaruzamwo Ubugingo. Muzobimenya. Muzobitahura. Nta co muzobivugako. Wa musamaliya-kazi yaravuze ati : « Mwami, ndabona ko uriuwuvugishwa n'Imana. Ndazi ko aho Mesiya azozira, azokora.... » Acaarishura ati: « Ni jewe.» Oh bene Data! Ivyo birakwiye! Ntiyiriwe ararindira ijoro ryose, ngoarindire ijoro rikurikira. Yaciye amwakira muri ako kanya nyene maze ubwonyene aca afata inzira. Ivyo vyose aca avyiganira abantu.

59 Ubu rero nimwibuke ko kirya gihe ca mbere cari igihe c'intambwe. YariIntambwe yo mu muryango wa Yuda ari We Kristo. Ubugingo bwiwe bwite nibwo bwakora muri ico gihe. Ico ni co cari ikinyabugingo ca mbere; cerekanaubushobozi bwakorera mw'ijwi ry'umuntu.131. Igihe cakurikiye cabaye ic'ikimasa canke igihe c'uwagendera kw'ifarasiwa mbere, arikw'ifarasi yiwe y'igitare, ko bwari ubushobozi bw'ishengerorigenda rinesha. Ariko turabona ko yahawe igitsibo, turongera tukabona n'uwoari we. Yari ishengero; yari ishengero, ariko yaciye aja hehe? I Roma. Aho niho yagiye. Yaciye ahabwa igitsibo ciwe.132. Igihe ca kabiri cerekanwa n'uwagendera kw'ifarasi y'akagajo; cari igihec'umwiza. Igihe gikurikira n'igihe c'umuntu cerekanwa n'uwagenderakw'ifarasi y'agafyiri; cari igihe c'abaringaniza ukundi gusha ibijanye nogusenga, igihe c'ijwi ryavuga. Yamara, uwo yagendera kw'ifarasi y'agafyiri yari antikristo, arikouwavuga muri ico gihe yagereranywa n'umuntu. Ni ubwenge, yari incabwengekandi ari inkerebutsi. Ariko ntiyakiriwe. Murabona ko ata zina yahawe, arikobiravugwa gusa ko yaserutse.

60 Ubu rero haje igihe c'inkukuma. Imana, abavugishwa na Yo yamyeibagereranya n'inkukuma,ari na co kinyabugingo ca kino gihe. Na Yo nyeneyiyita Inkukuma. Inkukuma iraguruka igashika hejuru cane ku buryo ata kindicoshobora kuyishikira. Ntishika hejuru gusa, ariko ubwayo yaremewe kugurukaigashika hejuru. Iyo igurukiye mu kirere, irashobora kubona aho iba iri. Harihoabantu bashika hejuru, ariko ntibashobore kubona aho bari, ku buryo ata cobibamarira na kimwe kuduga hejuru. Hamwe igikona canke ikinyamwanira cokwiha kugurukana n'inkukuma,nticobishobora, coca gitabagurika amubi. Categerezwa kuba n'imiburiburicuzuye impwemu muri co kugira ngo gishobore kuguruka ngo gishike iyohejuru.

61 Ikitagenda neza uyu musi, n'uko abenshi muri twebwe tutuzuye.Dusimvye na gatoya, duca duturika. Bikwiye ko «Twuzuzwa ». Ico gihetukaduga iyo hejuru, dufise ijisho ribona cane nk'iry'inkukuma, ari na vyobidutuma tubona ikigiye kuza no kumenya ico dukwiye gukora. Igihec'inkukuma ni co cabihishuye. Yamara turabona ko ico gihe c'inkukuma caricarasezeranywe mu Vyahishuriwe Yohana 10:7, no muri Malaki 4:5, ko ivyobizoba mu gihe ca nyuma. Ni ivy'ukuri ko ari ko bizogenda. Ni uko.

62 Ubu rero turabona umwe agendera kw'ifarasi ariko agendera kw'ifarasiibenjutse. Yamara murazi ko Smucker yanditse mu gitabo citwa GloriousReform, igitabo kidonda abishwe bazira Ijambo ry'Imana canditswe n'Abaromagiharurwa hafi imiliyoni 68 z'abaporoti bishwe gushika mu myaka y'igihumbin'amajana atanu (canke mu myaka y'igihumbi n'amajana umunani,sinkivyibuka neza), imiliyoni mirongo itandatu n'umunani bishwe kukobatahuje n'ishengero rya mbere ry'abaroma, i Roma! Ntibitangaje kubona yiswe Rupfu kandi akaba yiswe iryo zina. Ntankeka ni ko yari! Imana yonyene ni Yo izi igitigiri c'abapfuye mu buryobw'impwemu bishwe n'ingene yigisha Ijambo ry'Imana mu buryobunyuranye na Bibiliya. Habayeho imiliyoni mirongo itandatu n'umunanizicishijwe inkota, kandi tubitomoye, boba ari ama miliyaridi y'abantu, bapfuyemu buryo bw'impwemu kubera inyigisho ziwe z'ibinyoma. Ntibitangajekubona yarashoboye kwitwa "Urupfu"!

63 Murabona uyo agendera kw'ifarasi. Mu ntango ni antikristo, kandi ni rupfukuva ku ntango, ariko aracaboneka ko ata kabi ariko. Hanyuma ahabwa igitsibokiri uburyo butatu maze rero Satani aca yunga ishengero na Leta, kuko ivyovyompi yari amaze kubigirako ububasha. Antikristo ni we Satani mu meroy'umuntu. Ntihenze, turabona kandi muri Matayo igice ca 4, ko Satani yajanye Yesu,Umwami wacu, maze amwereka mu kanya gato ubwami bwose bwo kw'isi bon'ubwiza bwabwo, avuga ko ari ubwiwe, maze arabumugabira. Gurtyo murabona ko namba ashobora kwunga ubwami bwiwe n'ishengeroryiwe, uyo agendera kw'ifarasi arashobora no kuza kw'ifarasi yiwe y'akagajo.Nta nkeka! Ni ivy'ukuri!

64 Hanyuma rero aha turabona ibanga ryiwe mw'ishengero ryiwe muri Leta.Mu ntambwe ya kane y'igikorwa ciwe yitwa Igikoko. Ubwa mbere yitwa ANTIKRISTO, hanyuma akitwa UMUVUGISHWA W'IBINYOMA,ubwa nyuma akitwa IGIKOKO. Turabona rero ngaha ko yitwa Igikoko. Ubu rero nimurabe ko ifarasi ya mbere ari ifarasi y'igitare, iya kabiriikaba iy'akagajo, iya gatatu ikaba iy'agafyiri maze iya kane nayo ikabaibenjutse.Izo zitatu za mbere turazibona muri iyo farasi ibenjutse, kuko niibara rivangwa n'iryera, iry'akagajo, n'iry'agafyiri iyo avanze .Murabitahura? Vyose bikoranirijwe muri iyi farasi ya nyuma, murabibona?Maze ivyo bigaca bitanga ifarasi igira kane, canke mu mvugo itomoye zitatumuri imwe, maze zose zikaba zikoranirijwe muri iyi imwe.

65 Nashaka ko muraba neza izo zine. Raba neza ko igitigiri kane kiri kuruhande mu biharuro vy'uburyo bw'impwemu. Gatatu ni igitigiri Imana. Aha,ni kane. Aha, uyu ari muri izi zine. Ubwa mbere Antikristo, iy'igitare. Ubwakabiri, umuvugishwa w'ibinyoma, iy'akagajo. Ubwa gatatu icariho c'ijuru,c'isi n'ic'ipurugatori, iy'agafyiri. Ubwa kane igikoko, ifarasi ibenjutse,Satani akorowe akuwe mw'Ijuru. Ivyo murashaka kubisoma? Ni mu Vyahishuriwe Yohana 12:13 aho Satani akororwa akuwe mw'Ijuru. Hanyuma mu Vyahishuriwe Yohana 13:1-8 aca yambara umubiri muri cagikoko. Atangura ari Antikristo, inyigisho isanzwe yitwa iy'Abanikolayiti.Hanyuma, kuva ico gihe, aca ahinduka umuvugishwa w'ibinyoma. NiAntikristo, kandi Anti-kristo bisigurwa ngo : Uwugwanya Kristo. IkigwanyaIjambo ry'Imana cose kigwanya Imana, kuko Ijambo ari Imana. « Ubwa mbere na mbere Jambo yariho, kandi Jambo yahoranye n'Imana....kand'uwo Jambo yihaye umubiri (Kristo), abana natwe.... » (Yohana 1)Gurtyo arwanya Ijambo, ni co gituma ari Antikristo. Ariko impwemuntishobora guhabwa igitsibo, ni co gituma atahawe igitsibo, ariko yahawe gusaumuheto ata myampi.

66 Mu nyuma, aho igihe ciwe co kwambikwa igitsibo gishikiye yaciyeacika umuvugishwa w'ibinyoma kuko yigisha inyigisho irwanya Kristo.Murabitahura? Hanyuma aca ahabwa inkota yiwe kuko akoraniriza hamweubushobozi bwiwe; kuva ico gihe nta n'umwe aba akigira ico abaza. Niumukuru w'igihugu; ni umutware w'ijuru, ahabwa igitsibo c'imigara itatu mazeagaca yishiriraho ikintu citwa «ipurugatori »; kivuga ko hagize uwupfa asizeamafaranga abo asize bashobora guhereza ishengero ayo mafaranga, na ryorigaca riyariha kugira acungurwe kuko rifise ubushobozi bwo kumukurayo. Niigisubirizi, nta nkeka. Yafashe ikibanza c'Imana kw'isi. Namba ivyobitumvikana neza cane, sinzi...Ivyo twarabibonye muri Bibliya iyo iva ikagera; twaraharuye igitigiri ciwen'ibindi. Ng'uyu. Twaramushize mu kibanza ciwe mu gitigiri kane. Murabonako atari mu gitigiri gatatu, ariko ari mu gitigiri kane, murabona.

67 Ko tugisigaranye umwanya, reka dusome Ivyahishuriwe Yohana 12,umurongo wa 13 :« Kandi ca gisato, kibonye yuko gikororewe kw'isi, gihiga wa mugore yavyayeumuhungu.»

68 Murabona, yakororewe kw'isi maze aca yinjira mu mubiri ari impwemu yaAntikristo mu muntu. Kandi uwo muntu aguma ahindagurika; ava ku kubaimpwemu ya Antikristo agacika umuvugishwa w'ibinyoma, hanyuma cagikoko kigaca cinjira muri we. Neza na neza uko nyene ni ko ishengero ryagiye rikura. Ishengero ryiweryavuye ku kuba irya Antikristo riba iry'umuvugishwa w'ibinyoma, kandi muriico gihe kidasanzwe kigiye kuza, ca gikoko kizohaguruka. Uko nyene ni koishengero nyakuri rikura riciye mu gutsindanishirizwa, mu kwezwa no mumubatizo wa Mpwemu Yera, Kristo ari mw'ihanga ryiwe, ndabivuze mumvugo itomoye. Kimwe n'ikigereranyo c'ikindi. Ni vyo, uwo ni Sataniyakorowe ava mw'Ijuru!

69 Kandi mu Vyahishuriwe Yohana 12:18 no mu Vyahishuriwe Yohana 13:1-8 tubona ngo « Gihagarara ku musenyi wo mu kiyaga. Mbona igikoko ciburukakiva mu kiyaga, gifise amahembe cumi n'imitwe ndwi, ku mahembe yacoharih'imigara cumi, no ku mitwe yaco harih'amazina y'amarogotano. » Ico gikoko nabonye casa n'ingwe; amajanja (iyo tuba twari dufiseumwanya twari kumara iri joro ryose kuri ivyo bigereranyo gusa mazetukavyiga tubimurabishako, ariko mwese ivyo murabizi, twarabivuze mu bundibutumwa) yaco yar'ameze nk'ay'idubu, akanwa kaco kari kameze nk'ak'intambge.( murabona ko uyu ari Satani yambaye umubiri). Muri ya mitwe yaco mbonamw'umwe usa n'ukomeretse akagirire: Uruguma rwocishe rurakira.

70 Isi yose ikurikira ico gikoko bagitangarira.(nimuvyihweze, ntimwiteho ivy'ubukomunista. Nta kindi buri atari igikoreshogikorera mu biganza vy'Imana kugira umusi umwe buze buhore amaraso yanyuyasesetse, nk'uko tuzobibona ejo ku mugoroba.) Batazira ico gisato bagisenga (Yari nde? Satani. Ni ivy'ukuri? Igisato gisan'ikibengebenge, ni ivy'ukuri), kuko cahaye ico gikoko ububasha bgaco;batazira na kino gikoko bagisenga, bati ni nde ahwanye n'iki gikoko, kandi ninde ashobora kukirwanya? Gihabga akanwa kavuga ibihambaye n'ivyokurogota : gihabga n'ubushobozi bgo gushishikara amezi mirongwine n'abiri. Giteranura akanwa kaco kirogota ku Mana (ng'aha rero), kirogota nokw'Izina ryayo (baca bagiha irindi zina ry'icubahiro), no kw'ihema ryayo (ari ryo hema rya Mpwemu Yera; ariko baciye bacubakira ahantu i Roma :igisagara c'i Vatikano), no ku baba mw'Ijuru.( kibarogotako, kivuga ko ari abasabira abantu).

71 Gihabga kurwanya abera (ni ko cakoze) no kubanesha (ni ko cakozekikabaturira, kibagaburira intambwe, kibica uburyo bwose bushoboka), kandigihabga gutwara imiryango yose n'amoko yose n'indimi zose n'amahangayose. (Ivyo ntivyigeze biba gurtyo i Roma, gushika Uburoma bwa gipaganibuhindutse uburoma butwarwa na Papa, maze ubushobozi bwa Katolikabukwiragiye kw'isi yose kugira ngo ricike idini ryagenewe bose. Kand'ababa kw'isi bose bazogisenga, umuntu wese atanditswe izina muGitabo c'ubugingo c'Umwagazi w'Intama yatanzwe kw'ikimazi uhereye kukuremwa kw'isi. (ariko amavuta na vino vyanje ntugire ico ubikorako!) Nambahar' umuntu ari n'ugutwi ni yumve. Namb'umuntu yagerewe gufatwa mpiriazofatwa mpiri; namb' umuntu yicisha inkota akwiye kuzokwicishwa inkota.Aho ni ho ukwihangana kw'abera guserukira bo n'ukwizera kwabo!.

72 Ejo ku mugoroba, twaramubonye aje afise inkota yiwe nini kugira ngoyice. Kandi turabona ko na we nyene azokwicishwa inkota, inkota ifise ubugibubiri, ikarishe cane, izomutema imuterera hasi. Ni murindire gusa yamituragaro ndwi yumvishe amajwi yayo uwo mugwi ushobora vyukurigufata Ijambo ry'Imana maze ukarishira hejuru nk'ibendera! Rizomucagagura rimujejagure. Barashobora kwugara Ijuru; barashoborakwugara canke bagakora ico bashaka cose. Ca gikoko kizokwicishwa inkota y'Ijambo iva mu kanwa kayo, rifiseubugi buruta ubw'izindi nkota zose. Bobigomba boshobora gutuma hazaamatoni amamiliyaridi y'ibibugu. Amen! Ivyo bavuga vyose, ivyo bizoshikakuko ari Ijambo ry'Imana riva mu kanwa k'Imana. Ni Ijambo ryayo, ariko Imana yama ikoresha umuntu kugira ngo irishiremu ngiro. Imana yari gushobora guhamagara ibibugu hariya muri Egiputa, arikoyaravuze iti: « Mose, ni igikorwa cawe. Ngira ndakubwire ico utegerezwagukora, kandi uragikora.» Yarabishikije vyose. Yari gushobora guhitamwoizuba kugira ngo ribizane, yari gushobora gutuma ukwezi canke umuyagabikabizana, ariko yahisemwo umuntu wayo. Ni uko.

73 Turabona rero ko uwo Satani, amaze gukororwa avuye mw'Ijuru,agaca yinjira mu mubiri wa ca Gikoko, maze ico gihe agaca aba Igikoko. Abanza kuba antikristo, hanyuma akaba umuvugishwa w'ibinyoma mazeico gihe aca aba ca Gikoko ciswe Rupfu, maze kuzimu agahezaakamukurikira. Ni Satani ubwiwe yibera ngaho ku ntebe y'ubwami bwiwe.Oh, bene Data! Kw'isi, ca Gikoko ni co giserukira Satani. Ubu ni co kiganza ubwami bwose bwo kuri iyi si, bwa bwami nyene Satani yaha Umwami Yesumuri Matayo

4. Ico gihe rero inganji ya Satani izoba itsindaje.163. Ariko ivyo bizoshika hanyuma. Kino gihe ni umuvugishwa w'ibinyoma.Azocika Igikoko hanyuma, aho azokuriraho isezerano azogiriraniran'Abayuda. Ni uko.

74 Ni murabe kandi ko muri ico gihe azohabwa umutima w'igikoko, mazeSatani satani azoca yambara umubiri muri we kuko ishengero riva rizamuwe,Satani aca akororwa. Murabibona? Ico gihe biba birangiye. Igikorwa ciwe cokuba umurezi kiba kirangiye.165. Murabizi, igihe cose uwutuvugira akiri kuri ya Ntebe, Satani arashoboraguhagararaho maze akaturega kuko aserukira urundi ruhande. Agwanya Kristo.Uwumugwanya ahagararaho maze akavuga ati : «Rindira »! Adamu yaguye.Adamu yakoze ibi na biriya. Namwifatiye. Natumye umugore wiwe yizeraikinyoma kandi wavuze ko azocirwako iteka kubw'ivyo. Ndamufise mu minwe.166. Ariko ng'uyu Umuhuza ahagaze aho (Amen!), Umuvyeyi mucunguzi(amen!) afise Amaraso ashobora gufata umutima w'umunyavyaha ruhebwamaze akawuhindura. Umuhuza ari kuri irya Ntebe. Ego, nta nkeka.167. Satani aravuga ati : « Icaha kirabagira! » Yesu akishura ati : « Ntikibagira ! »

75 Hari umuti bavumbuye witwa clorox, ukura amarabaga yose ya wino n'ibindi. Urayatatanya ku buryo udasubira kuyabona. Aca ahinduka nk'imyuka itumukamaze agaca asubira mu muco wo mu kirere no ku duce twaheze n'ibindi,agasubira aho yaturutse. Namba ari ikiremwa, ni uko gitegerezwa kuba kiva ku Muremyi. Ariko ivyakozwe n'abashakashatsi maze bakabivanga biratatana ; niivyo kandi nta gisigara. Mbere n'amazi aravangana n'uyu muti Clorox kandi ariumunyota gusa. Amen ! Imana ihabwe icubahiro ! Vyose biratunganye. Ni co Amaraso ya Yesu Kristo akora ku mwana w'Imana nyakuri. Iyoyihanye icaha maze agahagarara aho, yatsindanishirijwe n'imbabazi zayo, nivyiza cane ku buryo Imana ica ivuga iti : « Sinkivyibuka na mba, kandi niumwana wanje koko…. Ni ukuri ndabibabwiye, ni mwabwira uyu musozimuti : Shinguka, kandi ntimukekeranye mu mutima, ariko mukizera ko ivyomwavuze bishika, bizoshika. Murashobora kuronka ivyo mwasavye. » Uba uriumwana yacunguwe. Amen ! Ndazi ko ari ivy'ukuri !

76 Narabonye incuro zitandatu imihare iboneka ahari hasanzwe hatagiran'umwe. Kandi nkuko ishoboye kurema imihare, irashobora kurema ibibugu,ibikere canke ikindi kintu ico ari co cose. ! Ni Imana, Umuremyi. Ni ivy'ukuri !Kandi iyo icaha c'uwo muntu apfa catuwe maze kigakororerwa muri wa muti ukura amarabaga ya Yesu Kristo, ivyo bica bituma icaha cosekizimangana. Uwo muntu aba atunganye, atagira akarohe, atagira icaha,atagira ikosa. Uwavyawe n'Imana ntakora icaha, koko ntashobora gukora icaha.Uwo Muti ukura amarabaga uca uja hagati y'umuntu n'Imana. Coshobora gutekujayo kandi uwo muti ukura amarabaga uca ugitatanya maze ugacaukirungika ku wuba yamwanduje ? Amen ! Oh, ivyo bica binyuzuza kwubahaImana ! Ndababwira : Ubu nasisimutse mu gihe ivyo bitanguye guhishurwa.

77 Murabona, ni Satani ubwiwe yibereye aho ku ntebe yiwe (nta nkeka !),umwe yaha isi Imana, yayihaye Umwami wacu. Ng'uyu aho yicaye, n'umutimawiwe w'igikoko, w'ubuyobe uri muri we. Uwo ni we ca Gikoko, wamurwanizi yambaye umubiri. Yiyerekana ngaha kuri iyi si mw'ishushoy'ikinyoma. Oh, Mana yanje ! Aza azanye ibinyoma yitwaje Ijambory'ukuri, na we ubwiwe yifatanya n'Ijambo. Neza na neza yakoze co kimwe n'ivyo ikigereranyo ciwe cakoze, ari weYuda, haciye imyaka ibihumbi bibibri. Yakoze iki ? Yuda yinjiye nk'uwizera ;ariko yari idayimoni kuva ku ntango. Yari yavutse ari umwana wo kuranduka.Yuda ntiyashoboye guhenda Yesu we yari amuzi uhereye ku ntango (amen !),kuko Yesu ari Jambo.

78 Ni mwibuke ko na Yuda yari ajejwe umutungo maze akagwishwan'amafaranga. Ni vyo bishikira ishengero rya kino gihe. Ishengero rya Katolika(nk'uko twabibonye ejo ku mugoroba) ryararihisha amanevene, ryararihishaibisabisho, vyose ryarabirihisha. Abakobwa b'ishengero rya Katolika, ari bobaporoti, na bo nyene baguye muri ubwo buryo nyene. Bose uko bari baboshwen'amafaranga. Aho ni ho Yuda yagwiriye, kandi aho ni ho n'abaporoti bagwira. Murabona, muri ukwo kugendera kw'ifarasi ubwa nyuma, aboneka arikw'ifarasi ibenjutse. Ico gihe, ni co gice ca nyuma. Ariko ibi ntibirikobirashika muri iyi misi turimwo, ni ivyo mu gihe kiri imbere. Ni kimwekimatanije ca Gitabo kiba cuguruwe. Kuko murabona, ivyo bishika ishengerorimaze kuzamurwa.

79 Kristo aserutse kw'isi… uwo muntu aca aseruka maze akisozerera ivyiwe,agacika wa murwanizi ubwiwe. Yatanguye ari antikristo arabandanya gushikaabaye umuvugishwa w'ibinyoma, hanyuma gushika abaye ca Gikoko, kugirango acike wa murwanizi we nyene ubwiwe. Kandi ariko agendera kw'ifarasiibenjutse, uruvange rw'amabara yose ruca rumuha ibara ribenjutse kandiry'urupfu. Ariko Umwami wacu aserutse kw'isi, aza ariko aragendera kw'ifarasiy'igitare, yera nk'urubura, kandi ni Imanuweli akwiye kandi yuzuye, Jambo w'Imana yambaye umubiri w'umuntu. Murabona ko hariitandukaniro rinini. Biratandukanye rwose.

80 Ni murabe ko antikristo ari kw'ifarasi ibenjutse y'amabaraavangavanze. Ifarasi ni igikoko kigereranya ubushobozi. Ubushobozi bwayobwose bugizwe n'ikivange. Kubera iki ? Ni ivya politike. Ni ubushobozibw'ibihugu, ubushobozi bw'ivyo gusenga, ubushobozi bw'amadayimoni,ubushobozi bwose buvangavanze. Ng'uko uko ifarasi ibenjutse y'amabaraavangavanze yari imeze ! Ifise ububasha bwose.179. Ariko Yesu aje, aza ari kw'ifarasi y'ibara rimwe rudende, ari ryo Jambo. Amen ! Uyu we avangavanga amabara yiwe, iry'akagajo, iry'igitaren'iry'agafyiri. Amabara atatu agaragara muri rimwe,

ubushobozi butatubugaragara mu bushobozi bumwe : Ifarasi y'igitare, ifarasi y'agafyiri, ifarasiy'akagajo. Ibitsibo bitatu bigize kimwe. Murabibona ? Nta nkeka.

81 Jewe ubwanje, ico gitsibo naraciboneye. Nari ndacegereye cane mazendakiraba. Sinashoboye kugikorako kuko cari mu gasandugu k'ibiyo. Ni ho carikiri, cugaraniwe mu gasandugu kugajwe ikigufuri kinini. Cari igitsibo kirimwobitatu. Ni co gituma nzi ko ari ukuri. Yari afise rero igitsibo kirimwo bitatu,nk'icariho c'Ijuru, c'ipurugatori n'ic'isi. Ubushobozi butatu bukoranirijwe hamwe, buvangavangiwemw'ibara ribenjutse. Ivyo vyose vyerekana urupfu. Ni ubushobozi mu vyapolitike, mu vy'ugusenga, n'ivy'amadayimoni bukoranirijwe hamwe. Satani ni umwami wa politike, ni ingunge. Na cane cane ntimukagerageze kubaingunge ku murusha! Ni mwiragize gusa Umwami. Nk'uko namaze kuvyerekana, ubugunge bwose, ubumenyi n'ibindi bintubisa n'ivyo biva ku ruhande rwa wa mubi. Ivyo murashobora kubikurikirana muVyanditswe maze mukabona ko ari ivy'ukuri. Nimukurikirane uruvyaro rwaKayini maze murabe ico rwavuyemwo. Ariko nimwongere mukurikiraneuruvyaro rwa Seti, maze murabe ukwo bari bameze.

82 Si ukuvuga ko nshigikira ukutiga, si vyo na mba, ariko muzobona neza koata muntu muri Bibiliya, canke gake cane….Harabayeho uwitwa Paulo yariumuntu w'incabwenge cane kandi yize. Ariko yavuze ko vyabaye ngombwa koyibagira ivyo yari azi vyose kugira ashobore kumenya Kristo. Yavuze ati :«….sinaje ndi agakura mu majambo y'ubwenge, yo kwemeza abantu ariko najemu bushobozi bw'ukuzuka kwa Kristo.» Ni ivy'ukuri, mu bushobozi bwa Mpwemu Yera! Ni murabe abandi.Bamwe bamwe muri bo ntibari bazi no gutandukanya ukuboko kwabokw'uburyo n'ukw'ububamfu. Nimurabe abavugishwa n'Imana aho baza bava ukwo ibihe vyagiye bikurikirana. Murabona ico nshaka kuvuga? Ubugunge,ubwenge n'ubumenyi ni vyo bintu bibatandukanya n'Imana.

83 Yari afise ububasha butatu canke yari segaba w'ahantu hatatu: isi, ijurun'ipurugatori. We nyene ubwiwe n'ubutatu. Ivyo ni vyo bimugize kandiagendera kw'ifarasi irimwo ubutatu. Ububasha bwiwe buri mu butatu. Igitsibociwe kigizwe n'ubutatu. Ifarasi yiwe irimwo ubutatu. Uko ni ko ari : ubutatu,ububasha buri mu butatu, igitsibo kiri mu butatu, agendera kw'ifarasiirimwo ubutatu, ni ibikorwa. Igitigiri kane congeye kugaragara. Murabona,ni igitigiri kane congeye kugaragara. Ni uko. Intambwe zitatu z'igikorwa ciwe zimugira umuntu, Sataniyambaye umubiri. Intambwe zitatu z'igikorwa ciwe. Antikristo, umuvugishwaw'ibinyoma, ivyo bitatu ni ikigereranyo ciwe. Hari ibigereranyo bitatu, kandiubwo bushobozi butatu bumugira umurwanizi. Imana Yo, yimenyekanishamu mazi, mu Maraso no muri Mpwemu. Umukristo imugira umwanaw'Imana biciye mw'Ijambo ry'Imana. Ego! Ku ruhande rumwe harihoamazi, Amaraso na Mpwemu biva ku Mana, kandi ku rundi ruhande haripolitike, amadini n'ubushobozi bw'amadayimoni, bivangavangiwe hamwe,bigize umurwanizi. Mu ntango Kristo yaraje. Ni uwudapfa. Aza incuro zitatu. Kristo ari mugitigiri gatatu. Ariko murabona ukuntu Satani aza mu gitigiri kane.

84 Ni murabe Kristo. Ubwa mbere yaje nk'umuntu apfa kugira ngo aseseamaraso yiwe maze apfe. Si vyo? Ni kwo kuza kwiwe kwa mbere. Ukuzakwiwe kwa kabiri ni izamurwa, kandi tuzomusanganira mw'Ijuru, aho ariuwudapfa. Igihe c'ukugaruka kwiwe kwa gatatu, ni Imana yambaye umubiri.Amen! Imana Imanuweli ije kuganza kw'isi. Vyukuri ni incuro zitatu gusa. Nimurabe ko intambwe igira kane y'uwo agendera kw'ifarasi yitwa Rupfu.Urupfu rusobanura ugutandukana n'Imana burundu. Ni co gisiguraurupfu : gutandukana n'Imana ibihe vyose. Dufashijwe na Bibiliya, twarerekanye uwo agendera kw'ifarasi uwo ariwe. Twaravyizeko ido n'ido: imisozi, ikibanza n'ibindi. Kandi ubu turabona koinkukuma imuha izina rya Rupfu. Uku ni ko imwita.

85 Ntimuvyibagire, urupfu ni ugutandukana n'Imana burundu. Ni mwibukeko abera badapfa. Barasinzira, ntibapfa. «....uwumva amajambo yanje,akizera uwantumye, afise ubugingo budashira... » Ni ivy'ukuri! Ntazoca murubanza; aba avuye mu rupfu yinjiye mu Bugingo. Yesu yaravuze ati : « Ni jewekuzuka n'ubugingo. Unyizera n'iyo yoba yarapfuye, azobaho; kand'uriho weseanyizera, ntaho azokwigera apfa... » Ngo « Lazaro yapfuye? » «Arasinziriye! » « Ntutinye, umukobwa wawentiyapfuye, ariko arasinziriye. » Baciye bamutwenga. Si ivy'ukuri? Oh, beneData! Murabona, abera ntibapfa. Ugutandukana n'Imana ni kwo gupfa, gupfaburundu. Kandi uwo agendera kw'ifarasi yitwa Rupfu; kubw'ivyo nimumujekure!

86 Ni nde? Ni uburyo bwa mbere bwo gukora bw'idini, ishengero rya mbereryabaye idini. Maze igihe ryemera ivyiyumviro vya Constantin, muri ya NamaNkuru y'i Nikaya.... Ejo ku mugoroba twarize kuri abo bagore kanditwarerekanye ukuntu Eva, ari we mugeni wa mbere, imbere yuko umugabowiwe amwabira, yagiye mw'itongo rya Edeni mu kutizera Ijambo ry'Imana.Umugeni wo buryo bw'impwemu, yavyawe na Kristo ku musi waPentekote, ni ibiki none vyarishikiye imbere y'uko aryabira? Ryagwiriye iRoma, ivyo vyagenze gute? Yahevye ubushobozi bw'Ijambo ahitamwoimitegekere. Amen! Oh, bene Data! Mbega ukuntu nongeye gusisimuka niyumviriye kuri ivyo!Si uko nshaka gukora nk'umusazi. Sinabigomba ariko ntimushobora kumenyauko bimerera. Ubu haheze imisi ine niga kuri ivyo bintu. Nashaka gusa kuvugaikintu gituma numva ko ndi kw'isi. Ni uko! Iyo ntanguye kuvuga nk'uko, simenya iyo ukwerekwa kuzananye. Ni cogituma ntegerezwa kwikunkumura kugira ngo akenge kagaruke.

87 Muramaze kwitegereza iyo ndiko nderekwa ibiri mu mitima y'abantu?Ndavuga ikintu gitwenza abantu; hanyuma nkavuga ikintu gituma barira;hanyuma ikintu gituma bashavura. Ndabona ikintu hanyuma

nkakivugakoamajambo makeya kugira ngo ndabe uko bacakira. Hanyuma nca ndaba umucouri kuri bo uko umeze bo n'ibiriko biraba, aho rero nca menya ivyo ari vyomaze ngaca menya ko hariho umuhamagaro canke atawuhari. Iyo abaye ariuwizera nyakuri, biba vyiza cane. Murabahamagara muvuga muti : «Wewe Naka!» Maze iyo Mpwemuamanutse, aca atangura gusiga amavuta kandi aho rero muca mutangura kubonauwo muco wakira hose muri iyi nzu. Ni co gituma mvuga ikintu, nkageragezagusubira inyuma kugira ngo nsubire gutangura. Kuva ku w'iyinga ushizeniyicarira mu cumba maze ngasenga nsizwe na Mpwemu, nta bindi. Kandindazi ko ivyo mpabwa ari ukuri. Murizera Imana? Ndazi ko mwizera.Nimwiyubare ku bigiye kuba ku mpera y'iri yinga.

88 Urupfu bisigura ugutandukana n'Imana burundu. Ariko ni mwibuke koabera badapfa. Umwe agendera kw'ifarasi yahawe ifarasi ibenjutse kugira ngoabandanye. Yagendeye kuri iyo farasi ibenjutse y'urupfu. Turazi ivyo ari vyo,turazi iryo shengero iryo ari ryo. Ariko twarabonye ejo ku mugororba ko iryo shengero ritari marayagusa, ariko kandi ryari nyina wa ba maraya. Twarabonye ko ikirigira maraya, nikubera ko ari umugore (ni ijambo rigoye kuvuga ahantu hakoraniye abagabon'abagore, ariko ni Bibiliya ibivuga) aca kubiri n'amasezerano yo kwabiranakwiwe. Yamara murabona ko ryiyita umwamikazi w'ijuru. Ni ikibanzac'umugeni w'Imana! Ariko burya Imana, ni Kristo. Kandi turabona ko akoraubusambanyi, ko asambana n'abami bo kw'isi, n'abatunzi n'abakomeyebo muri iyi si, isi yose yamukondoreye inyuma. Murabibona? Kanditurabona ko yavyaye abakobwa batari bake, na bo ari ba maraya. Maraya ni umusambanyikazi, akora ubusambanyi, akora ikibi, ni coubusambanyi.

89 Amashengero yakoze iki? Yabaye amadini, ashiraho uburyo bwogukora, yigisha ivyashinzwe n'abantu, abapentekote co kimwe n'abandi bose. Ubu rero, mwebwe bapentekote, ntimugerageze gucecekesha umutimawanyu ubagiriza. Reka ndababwire ikintu kimwe, emera tuvugane tugiyegushika vuba kw'iherezo ry'urugendo kandi igihe kirakuze cane ku buryo tudakwiye gutinyana. Ubu turi mu gihe c'ishengero rya Lawodikiya, iki gihe c'ishengerokivugwa nabi kurusha ibindi, igihe c'akazuyazi, igihe conyene Kristo ari hanze,arondera kwinjira. Ni igihe c'ubutumwa bwa pentekote. Muravuga muti :« Ndatunze.» Oh, bakundwa, mwari abatindi mu ntango, ariko murabonamwabaye abatunzi nyakuri, kandi nta co mugikeneye. Oh, mbega ukuntu mwariabatindi ! Ariko We aravuga ati : « Uri amenya, umutindi, impumyi, umukene,warafutanye kandi nta n'ivyo uzi. » Iyo umuntu ari mw'ibarabara ari gusa akamenya ko agenda amenya hariico aca arondera gukora ; ariko atabimenye, iyo atabona itandukaniro aho reroaba agwaye koko ! Imana n'imugirire ikigongwe ! Ni ivy'ukuri.

90 Ni mumenye ibi. Oh, bene Data ! Nimwibuke ko uyo antikristo ubwiwe ariumuntu. Umugeni wiwe ari ryo « shengero ryiwe » ryahawe umwanya wokwihana. Ariko ntiryigeze ribikora muri ico gihe c'ishengero, ari co caTuwatira. Ivyo muravyibuka? Dusubire inyuma akanya gatoya, ivyo nta co biza kutugira. Isaha yokurangiza igira igere, kandi tutaranatangura!

91 Iki gice cerekeye ishengero rya Tuwatira, ni Ivyahishuriwe Yohana rero igice 2 : 18-23: « Kandi wandikire umumarayika w'ishengero ryi Tuwatira, ut'Umwana w'Imana, afise inyonga zisa n'imbeya z'umuriro, ibirenge vyiwebisa n'imuringa w'umwakaka, aravuga ibi, ngo ndazi ibikorwa vyawe, n'urukundo rwawe, n'ukwizera kwawe, n'ingene ushitsa ibanga ryawe,n'ukwihangana kwawe, kandi kw'ibikorwa vyawe vyo hanyuma biruta ivyambere kuba vyinshi. Ariko mfise ico nkugayako, yuk'ukundira urya mugoreYezebeli,

92 (wa mugore wa wa muvugishwa w'ikinyoma yiyita umuvugishwan'Imana w'ukuri. Ni ivy'ukuri. Uwuvugishwa n'Imana nyakuri n'umugorewiwe Yezebeli. Yamara, iyo Ahabu aja kuba yari Umuyuda nyakuri, muvy'ukuri yari umugabo ata co amaze kuko umugore wiwe yamwosha gukurikiraivyiwe. Twarabonye ko Yezebeli afata amafaranga y'abantu mazeakabarongora aho bashaka kuja) yiyita uwuvugishwa n'Imana(murabitahura?) » Akigisha akazimiza abagurano banje ;(murabona, iyonyigisho ya Yezebeli yakwiye mu gihugu cose), kugira ngo bashakane baryeivyaterekerejwe ibigirwamana. Kandi namuhaye uburyo bgo kwihana,ntiyakunda kwihana ngw'areke ubushakanyi bwiwe. (nimwihweze umurongoukurikira) Ehe ndamutsinda ku buriri (ni ukuzimu), ndarungikira abasambanana we amarushwa menshi, (bazokwinjira muri vya vyago bihambaye, arikoishengero ryo ntirizovyinjiramwo), ni batihana ibikorwa vyiwe.(Ubu reromuragabe!) kandi n'abana biwe n'uko nzobicisha urupfu,(ba bakobwa b'uwomaraya) » Urupfu rwo mu buryo bw'impwemu muremera ko rubaho? Ijambo ni ryoriruvuga. « Nzobicisha urupfu. » Kandi bishwe, baba batandukanye n'Imanaburundu.

93 Ni ivy'ukuri, turazi ko yamuhaye igihe co kwihana. Igihe c'i Tuwatira cariigihe c'umwiza. Muri ico gihe ni ho hari uwugendera kw'ifarasi y'agafyiri, mugihe vyasaba ko batanga amafaranga y'imisa, kugira ngo basengerwe,amanevene n'ibindi. Murabona, ico gihe yagendera kw'ifarasi y'agafyiri.Amaze kwanka kwihana mu gihe c'i Tuwatira (ni murabe ibi), uyo agenderakw'ifarasi aca ahindura ifarasi, maze agashira amatandiko kw'ifarasi ibenjutse,Rupfu, kubw'igikorwa ciwe ca nyuma.

94 Ubu rero aha nshaka kunyiganyiza umuntu ku giti ciwe akanya gatoya.Mwanse Imana, mwanse umuhamagaro w'Imana, umusi umwe muzovyanka aribwo bwanyuma. Kandi nkuko vyagenze kuri rirya shengero, habaharengeranye. N'aho Imana yihangana, ntizokwama inyinyurana n'umuntu,murabona. Igihe rirya shengero ryanka kuvyemera ryaciye rihinduka, maze reroaca yitwa « Rupfu » ari kwo gutandukana.

Imana yavuze iti: « Nzofata abana biwe, Abaporoti kandi umwe wesenzomwicisha ugutandukana nanje burundu. » Ni uko. Igihe c'i Tuwatira ni igihe c'umwiza. Ifarasi y'agafyiri yaciye igiraibara rya rupfu kubwo igikorwa cayo ca nyuma. Nimurabe ukuntu ibihevy'amashengero bihura neza na neza n'ibi bimatanije ca gitabo. Ukwo ni kwo tumenya ko ari ukuri. Mpwemu Yera ntiyihenda. Murazi ko yaduhayeicemezo ciza cane ubushize, igihe twiga ibihe vy'Ishengero, murabizi. Nimwibaze ku rukundo n'ukwihangana kw'Imana ! Imbere yo kuriciraurubanza, yarihaye igihe co kwihana ! KANDI IBI NDABIVUZEMW'IZINA RY'UHORAHO : NI CO NYENE YAHAYE ISHENGERORY'ABAPOROTI, ARIKO NTIRIBISHAKA! Ubu butumwabwararinyiganyije mu buryo bwose, ariko ntiribishaka! Rizogumanaimitegekere yaryo bwite na za nemera zaryo. Ivyo nimubisigure nk'uko mushaka.

95 Nk'uko nabivuze wa musi i Chicago hamwe hari abapasitori baruta abantubari ngaha muri iyi nyubakwa…. Bashatse kuntora amakosa ku vyerekeyeinyigisho y'Uruvyaro rw'Inzoka n'ibindi. Naravuze nti: « Umwe muri mwebweni afate Bibiliya yiwe maze aze ngaha aho ndi ! » Nta n'umwe yagize icoavuga. Tommy Hicks aca arambwira : « Sinari bwigere numva ikintu kimezenk'uko, mwene Data Branham. Nifuza kuronka amakaseti amajana atatu yavyokugira ngo ndayarungikire aba pasitori banje bose. » Haciye haboneka abantu nka mirongo itanu canke mirongo irindwi nabatanu bo muri abo bantu baciye bavuga bati : « Nzoza gusubiramwokubatizwa. » Mbega baraje? Nta n'umwe! Kubera iki? Yari yabahaye igihe cokwihana! Azokwicisha abana banyu urupfu, urupfu rwo mu buryobw'impwemu. Ivyo tuzovyigako ejo ku mugoroba Umwami ni yavyemera,canke ku wa gatandatu ku mugoroba aho tuzokwigira vya vyago bizobashikako.Nimurabe ibizoshika ico gihe.

96 Ni co kimwe no kuri Egiputa iyo yari yarahaye igihe co kwihana. Icago canyuma cabaye ikihe? Urupfu. Ni co cago ca nyuma kiriko gikubita ishengerorya pentekote. Ni urupfu rwo mu buryo bw'impwemu. Ryarapfuye!Ndabivuze mw'Izina ry'Uhoraho : Ryarapfuye mu buryo bw'impwemu !Yari yararihaye igihe co kwihana, ariko ryaravyanse. Ubu reroryarapfuye. Ntirizokwigera rivyuka. Kandi abo bantu bagerageza gushiraho abepisikopi, abapatiri, n'abandi,babita : « Data mweranda kanaka », vyategerezwa kubatera isoni ! Umuntuashobora gute kuba impumyi gushika aho! Mbega Yesu ntiyavuze ko igihe zankumi z'ibijuju zaja kugura amavuta zitaronse na mba?

97 Murumva abantu bavuga bati : « Narahawe Mpwemu Yera ; ndavuga mundimi » Ariko ntibashaka kwegera ishengero nk'iri! « Oh, murazi, sinibaza konoja ahantu nka harya. » Hanyuma mukavuga ko mwahawe Mpwemu Yera ! Mushima kugumana ivyubahiro vyanyu. Mushaka kuguma i Babulonikandi ngo mwongere muronke imigisha ivuye mw'Ijuru! Mutegerezwa guhitamwo. Ntimushobora kuguma mw'isi ngo mwongeremukorere Imana. Yesu yavuze ko mudashobora gukorera Imana ngo mukoreren'imana y'amafaranga. Ni co gituma nimwaba vyukuri mwarakijijwe,muzoshima ibikorane aho Mpwemu Yera yigaragaza kandi akerekana ko Ijambo ry'Imana ari ryo ry'ukuri.

98 Umuntu umwe yama avuga ati : « Barya bavuza urwamo rwinshi.Biranduhisha mu mutwe! » Hamwe mwoja mw'Ijuru ivyo bizobaruhisha ! Nimwibaze gatoya kuri abo bantu bose bazoba bariyo ! None muzogira gute? Oh, bene Data! Mbega ukuntu Umwami yihangana! Mbega ukuntuyihanganye mu misi ya Nowa! Imana yarabihanganiye uko ishoboye kwose.Yabihanganiye imyaka ijana na mirongo ibiri kugira ngo ibazane ku kwihana,ariko ntibabishaka namba! Mu gihe ca Egiputa yarungitse ivyago n'ibindi, ariko ntibabishatse.Yararungitse Yohana; ariko ntibemeye kugaruka. Yararungitse Yesu ngo apfekugira ngo akize umugwi wose uzokwumva Ijambo.

99 Maze ubu rero mu misi y'iherezo yarongeye gusezerana ko izorungikaUbutumwa bwo guhamagara no kugarukana ukwizera kw'inkomoko,abagarukana kw'Ijambo, ariko ntibazobwakira. Bari mu mitegekere yabona za nemera zabo, biyumvira ko bafise… N'aho umumarayika yomanuka…Ariko Imana ntikora ivyo. Ifata umuntu atize kandi ata co azi, umuntu bigoragusoma no kwandika canke ikintu nk'ico. Abantu nk'abo ni bo ifata. Kuberaishobora gufata umuntu ata co ari co maze ikamukoresha. Igihe cose umuntuyibaza ko ahambaye, Imana nta co ishobora kumukoresha. Imana yamye ikoragurtyo. Bikwiye ko mucika ubusa kugira ngo mugire agaciro ku Mana.

100 Oh, bene Data, nimurabe ibi. Yararihaye igihe co kwihana, arikontiryabikoze. Yarongeye kukiriha, ariko ntiribishaka! Kubona ryaranseryugururiye inzira nziza Satani kugira ngo yinjire muri ryo maze yambareumubiri muri ryo. Ni ivy'ukuri! We nyene yambara umubiri muri ryo kukoyataye Ijambo, kandi uko ni ko neza na neza ishengero ry'abaporoti ryacitsemaraya. Ryacitse maraya kuko rishibura ukuri kwagaragajwe kw'Ijambory'Imana, ari na co giha wa mugwanizi uburyo bwo kwinjira nokwambara umubiri, ico gihe azoca akora ikimenyetso ca ca gikoko, ari na cokizobashoboza bose kuja hamwe (kandi barimirije kubibona) maze bakore nezana neza ivyo avuga. Ni ivy'ukuri. Amen ! Iyo mba narize, mba nshoboye kubivuga neza. Ariko sinize. Niteze gusako Mpwemu Yera abibahishurira. Azobikorera abo… Ni ivy'ukuri azobikora!

101 Murabe ivyo ryakoze ngaha. Ryashibuye ubutumwa bw'Imanabwabahanura ngo bihane. Ryatanguye ari nka antikristo kandi ni ko ryari.Hanyuma rica ricika umuvugishwa w'ibinyoma, wa murwanizi yambayeumubiri, maze aca atangurana n'inyigisho y'ikinyoma. Muri ivyo vyose, Imanayarihaye uburyo bwo kwihana, igerageza kuryikwegerako. Murabe ukwo kwihangana. Mbega urukundo rutangaje! Nta

rukundorungana n'urwo. Nimurabe ukuntu yahariye n'abamuciriye mu maso kandibakamutuka. Ng'iyo Imana, murabona. Ntimukanke ubutumwa bw'Imana. Murabona, ryasabwe kwihana ngo rigaruke aho ryavuye rikagwa. Noneryari ryaguye riva hehe? Mw'Ijambo. Eva yari yaguye ava hehe? [ikoraniroryishuye riti : « Mw'Ijambo ! » -U] Amadini yaguye ava hehe? [ikoraniroryishuye riti : « Mw'Ijambo ! »] Ni uko. Nta yindi nzira iriho. Nimwame mugaruka mutumbereye Ijambo ;mutumbereye Ijambo. Ariko binjira mu bintu bibakwegera kure y'Ijambo,bibajana kure y'Ijambo aho kubagarukana kw'Ijambo. Nimubone ibi, ryarahawe uburyo bwo kwihana kugira ngo rigaruke.Ukwihana bisigura kugaruka, kwisubirako, guhinduka. Kwihana niukugaruka. Kandi ryahawe uburyo bwo kugaruka aho ryavuye rikagwa.

102 Ariko ni mwibuke ko ryari ishengero ry'inkomoko ryo ku musi wa Pentekote ryari ryasutsweko Mpwemu Yera ku musi wa Pentekoti. Mu biga Bibiliya, ni bangahe babizi ? Nta nkeka. Ni murabe aho ryavuye ! Ryagiye rivamw'Ijambo, maze ryemera imitegekere. Mu kibanza ca Mpwemu Yera,ryashatse umuntu w'umweranda, umudogiteri muri tewolojiya, umugabo afiseimpapuro z'umutsindo nyinshi, n'amazina y'ivyubahiro, ari we bagizeumupapa. Nta nkeka ! Ivyo yashaka kwari uko hagira umuntu asenga mukibanza caryo, uwo boshobora kwihera amafaranga bigatuma atagira ikindikintu asubira gukora na kimwe ! Ni ko bimeze uno musi. Bakire kuba bafise ikibanza mw'ishengero,bashobore gusa guterera menshi, biba bikwiye. Ni abo muri iri shengero.Ntihagire ikindi mubabwira kuri ivyo, ntibashaka kubimenya : Ni abakobwabiwe ! Ryaguye riva hehe ? Ryaguye riva kw'Ijambo ry'inkomokory'intumwa n'abavugishwa n'Imana. Ng'aho aho ryavuye rikagwa. Ng'ahoaho abaporoti bavuye bakagwa. Mwihane ! Nimugaruke ! Nimugaruke hatararengerana, nambaHATARARENGERANA ! Umusi umwe, uyo Mwagazi w'intama azova mu kibanza ciwe kandi ico gihe vyose bizoba birangiye. Ni co gituma imbere yogucirirwa urubanza hamwe na Yo, abakobwa b'abamaraya basabwa kugaruka.

103 Yamara ubutumwa bwa nyuma ni ubwo bahawe n'uwo avugishwan'Imana navuze kandi nasomye ibitabo vyinshi bimuvugako. Kandi ndazi koabantu bafise ivyiyumviro vy'impwemu, abantu batahura neza ibintu barazi koivyo bigiye kuza. Barazi ko ivyo bigiye kuza. Ariko ingorane ni uko bamababavuga bati : « Turabikeneye. Ivyo bizoshika ! » Maze iyo bishitse, biba biciyebugufi cane ku buryo bizobacika ata nkeka nkuko vyamye bibacikan'ibindi bihe. Abantu bazokwandika kuri we maze bavuge bati : « Oh, twaritumukeneye ! » Hanyuma niyerekanwa imbere yabo, bazobandanya nahobimeze gurtyo. Murabibona ? Ni ko bama bakora.

104 Ubu rero ni mwitegereze. Ijambo ry'inkomoko rivuga ko iryo shengeroritegerezwa kwihana kugira ngo rigaruke aho. Co kimwe n'abakobwa biwe aribo basabwa kugira akigoro, bazocirwako iteka maze batsindwe ku buriribumwe nyene hanyuma bicanwe na we. Basabwe kugaruka kw'Ijambory'inkomoko, kugaruka ku nyigisho y'Intumwa, ariko babohewe canekuri za nemera zabo n'ibindi ku buryo batazobikora. Nta kindi bazokoraatari kubitwenga. None baca bakora iki ? Baherukira kwikorera ikimenyetso ca caGikoko, ubundi bushobozi maze bagakora bagwanya wa Mugeni wa waMwagazi w'intama nkuko babigira mu Vyahishuriwe Yohana 13 :14. Ni cobakora : barahama. Ni ko bama bagira. Amashengero co kimwe n'uburoma biracokora Umugeni nyakuri waKristo: ni ko babikorera Umugeni nyakuri wa wa Mwagazi w'intama, neza naneza nk'uko ca Gikoko kibikora mu Vyahishuriwe Yohana 13:14.241. Turabona ko bijaye n'Ijambo ry'isezerano ry'Imana, azokwicisha urupfurwo mu buryo bw'impwemu abana b'uyo maraya, ayo madini, ari yo bakobwabiwe. Ni mu Vyahishuriwe Yohana 2:22, ntimuvyibagire. Kwicisha urupfu niukwica, kandi urupfu ni ugutandukana burundu n'inyonga z'Imana.Nimuvyibazeko, bagenzi! Ntimukizigire za nemera zashizweho n'abantu.Nimugume kure y'ikinyuranye n'Ijambo cose.

105 Kano kanya ni mwihweze. Ni mwitegereze hano muri Bibiliya. Ivuga ko izina ryiwe ari Rupfukandi ko kuzimu na we yamukurikiye. Kandi kuzimu yama akurikira Rupfu mubintu bisanzwe. Iyo umuntu w'inyama n'amaraso apfuye, kuzimuaramukurikira, n'imva, ari yo kuzimu, murabona. Ni mu buryo busanzwe.Ariko mu buryo bw'impwemu, ca kiyaga caka umuriro. Murabibona? Ni uko.Ni ugutandukana burundu aho baturirirwa bagaherengetera. Malaki 4, havuga ngo: « …nta n'agashitsi cank'agashami uzobasigarana… » Ng'uko ukuntuisi itegerezwa kwozwa ubundi busha kubw'ukuza kwa ya nganji ya Kristoy'imyaka igihumbi,murabona.

106 Mwarabonye ko ku vyerekeye umwe agendera kw'ifarasi havugwa ngo:« Uwo ». Ni umuntu, umuvugishwa w'ibinyoma. Ariko umugore yitwaishengero, « Umwe », Yezebeli. Ahabu, Yezebeli. Biratunganye rwose.Abakobwa, na bo nyene ni « bo » ariko ntibigeze bahabwa ububashabw'umugabo. Ni ko abaporoti bakora. Ariko baguma ari ba marayakubera inyigisho yabo, kubwo amadini yabo no kubwo uburyo bwabo bwogukora. Ni ko bivugwa.

107 Ivyo vyose bishika hehe? (Ndibaza ko tudasigaranye umwanya urengaiminota cumi n'itanu.) Raba aho ivyo vyose bizoshika. Bigenda gute? Ivyovyongera guca neza na neza muri ya nzira nyene. None bishika muri yantambara y'igihe c'iherezo. Ikintu ca mbere mw'Ijuru, cabaye intambara. Lusiferi yarirukanywe mazeaca aja kw'isi. Hanyuma rero aca ahumanya rya tongo ryo muri Edeni: kuva icogihe ntiyigeze ahengeshanya guhumanya. Kandi ubu, hanyuma y'intambara yo mw'Ijuru haje kuba intambara yokw'isi. Izorangira kw'isi mu gihe c'iherezo mu ntambara yitwa Harumagedoni.Bose ivyo barabizi! Intambara yatanguriye mw'Ijuru, Mikayeli n'Abamarayikabiwe baramunesheje maze bamuterera hanze. Igihe ivyo vyashika, Lusiferiyakorotse atumbereye muri Edeni kandi aho ni ho intambara yatanguriye ngahakw'isi.

108 Imana yari yararinze rwose abana bayo ikoresheje Ijambo ryayo;ariko Eva yagamitse izosi maze aravuga ati : « Ndibaza ko uvuga ukuri » mazeivyo bica birabandanya kuva ico gihe ni ho rero Imana yaca yururuka kugirango icungure abazoza. Nk'uko maze kubivuga, Imana ni nk'uwubakishaakomeye. Ishira ivya nkenerwa vyose kw'isi, hanyuma igatangura kwubakainzu yayo. Ni mwibuke ko imbere y'uko habaho urubuto kw'isi, imbere y'uko habahoizuba ryakira kw'isi, umubiri wanyu wari aho kw'isi kuko muri umukunguguwavuye mw'ivu. Ni co muri. Imana ni Uwubakisha.

109 Uburyo yari gukoramwo bwari ubwo kuramvura ukuboko, maze nk'ukoyabikoze kuri Adamu, igafata kalisiyumu, potase bo n'umuco wo mu kirere,kandi irangije ikavuga iti :« Ng'uyu uwundi mwana wanje! », murabona. Hanyuma yari kwongera igafatautundi duke irangije, uyo akaba ari uwundi mwana! Ariko Eva yakoze iki? Yarononye iyo nzira kandi ivyo yabikoze muburyo bwo guhuza ibitsina. Ico gihe, urupfu ruca rurinjira. Imana ikora iki? Irafise igitigiri kanaka c'izo mbuto zatoranijwe.Irafisemwo igitigiri kanaka c'abatoranijwe, kandi mu gihe c'iherezo ntizovugaiti : « Eva niwibungenge uwundi mwana ! » Irangije, izohamagara «hum!»maze nzoca nitaba. Uko ni ko bimeze ! Kandi aho uwanyuma azinjirira, bizobabirangiye.

110 Intambara yatanguriye mw'Ijuru. Izoherera kw'isi muri ya ntambara yaHarumagedoni. Reka twirabire ingene izoshika. Kumbure dushobora kuyibona.Umwami n'adufashe ubu nyene kugira tubone ingene izogenda. Umwe agendera kw'ifarasi w'akabanga (nimurabe ivyo ariko arakora ubu)yaragararije, amaze kwanka kwihana no kugaruka kw'Ijambo ry'Amarasoy'inkomoko. Ijambo ryacitse inyama n'amaraso; ariko yaranse kugaruka kuriryo. Ni antikristo. Ararwanya Umugeni-Jambo nyakuri. Afata umugorewiwe bwite (agatuma agwanya umugeni nyakuri), afata umugore wiwebwite maze antikristo akamushira mu buryo bw'idini rigizwe na zanemera n'imitegekere. Abonye wa Mugeni yejejwe, aca amurwanya maze akikorera umugorewiwe bwite yitwa antikristo ku bwo inyigisho ya antikristo inyuranye na Kristo(nimurabe ukuntu afise ubugunge). Aho kugira ubumwe bw'urukundorugenzura ugusengera munsi y'amaraso, afise idini. Aho gufata Ijambo, yafasheza nemera, imitegekere n'ibindi.

111 Ni nk'igihe abaporoti basubiramwo igisabisho c'inama y'abatumwa.Nimunyereke Ijambo na rimwe kuri ivyo muri Bibiliya. Nta gisabisho nakimwe c'inama y'abatumwa kiri muri Bibiliya. Nk'uko nabivugiye aha nyenenta gihe kinini gishize: « Namba intumwa zaragize nemera, yabaye Ivyakozwen'intumwa 2:38. » Aho ngeza kubimenya, ivyo ni vyo vyonyene bigezekuronka. Ivyo ni vyo bahamagarira umwe wese gukora. Igihe babona abasan'uko ari abakristo, barabajije bati : « Mwarahawe Mpwemu Yera igihemwizera ? » baca barishura bati : « Ntitwari tuzi ko Mpwemu Yera yatanzwe. » Baciye rero bavuga bati : « None mwabatijwe gute ? » Yamara kubatizwa mw'Izina rya Yesu, canke ahubwo mw'Izinary'Umwami wacu Yesu Kristo, ni vyiza cane, ariko ntibihagije. Haba na mba.Murashobora kubatizwa nk'uko incuro mirongo itanu, ariko ivyo nta cobizobamarira igihe cose imitima yanyu itazoba irahindurwa na Mpwemu Yera.Vyose bitegerezwa kujana.

112 Raba yuko antikristo ahakana inyigisho y'Umugeni nyakuri kandi reroagaca afata umugore wiwe bwite maze akamuhagarika kuri za nemera ziwebwite. Afata umugore wiwe bwite, maze akamugira idini. Avyara ayandimadini bihuye n'ibivugwa mu Vyanditswe vyera. Avyara abakobwababameze neza na neza nka nyina wabo : b'umubiri, b'isi, b'abanyamadini,barwanya Umugeni wo buryo bw'impwemu, Ijambo.259. Ntibavuga ko atari abanyeshengero. Nimwavugana n'umunyediniazobabwira ati : « Nta nkeka nd'umunyeshengero ! » « Uri umukristo ? » « Ndi umunyeshengero. »

113 Ivyo nta co bisa bisana. Murashobora kuba abo mu kintu citwa«Ishengero », murabona, mukaba muri abanyeshengero. Ariko ntiriba ariishengero. Ntaba ari amashengero, biba ari ibigo abantu bakoraniramwo mazebagahabwa ibifungurwa bimwe ; ni inyoni zifise amubi asa. Hari ishengerorimwe gusa : Ni Umubiri utaboneka wa Kristo. Iryo ntimwifatanye naryo : murivukiramwo ! Nkuko nama ndabivuga : ndi mu muryango waBranham haheze imyaka mirongo itanu n'itanu, ariko sinigeze nifatanya na wo :nawuvukiyemwo.

114 Esawu na Yakobo, ni ikigereranyo gitunganye c'ivyo. Nanditse umurongowo mu Vyanditswe, ariko nta mwanya wo kuwusoma. Esawu yari umuntuasenga ; ntiyibaza ko ari uwutizera ; yizera ya Mana ya Yakobo, Imana ya se,ariko yari ingunge ( ni mumbabarire kubwo iyo mvugo), nta co yari amaze. Mu bisanzwe uravye imibereho, ibikorwa vyiwe vyari vyiza kurusha ivyaYakobo. Ariko murabona, ntiyibaza…. « Kuba samuragwa bimaze iki ? »Maze aca agurisha ivyo kuba samuragwa kwiwe kuri Yakobo! Yakobo we, ntiyari yarahawe ibintu vyinshi nk'ivyo Esawu yaronse.Ntiyari yarahawe umugabane umwe nka we. Ariko hari ikintu Yakobo yamaashaka, kwari ukwo kuba samuragwa. Uburyo ubwo ari bwo bwose yarikuwuronkamwo, yari kuwuronka ! Ni co catumye Imana imwumvira. Ni ko bimeze n'uno musi ku muntu asanzwe afise ivyiyumviro vy'umubirikandi vy'isi. « E, ndi mw'ishengero ryegukira Leta….Ndi uwo muri iryoshengero. Ndi uwo muri iki n'iki…. » Ivyo nta co bisa bisana, nta na gatoya!

115 Ni murabe ibi. Ubu ariko arabakoraniriza kw'ifarasi yiwe y'ibarary'ikivange. Abakoraniriza kw'ifarasi yiwe y'ibara ry'ikivange kuko afiseubushobozi bwa politike. Namba mutavyizera, mwosigura gute ukuntumutavyizera, mwosigura gute ukuntu umukuru w'igihugu ariho ubu yagiye kubutegetsi ? [John F. Kennedy, umukatolika-U] Ashoboye gute kwinyegetezagushika ashike aho ? Murashobora kuvuga

ivy'umwidegemvyo mu vy'ugusenga, mwebwe abari mu mugambwe w'abaharanira Demokarasimukaba mwaguranye ivyo kuba samuragwa kwanyu n'ivya politike!. Mbereabaharanira Demokarasi bose barononekaye co kimwe n'abandi (ndiko ndavugaku vyerekeye ubukristo). Muragurana ivyo kuba samuragwa kwanyu n'ikaratayo gutorerako yo mu mugambwe w'abaharanira Demokarasi kugira mutoreumuntu nk'uyo ? Murateye isoni !

116 Ntimubona ko iri hanga rimeze neza na neza nk'Abisirayeli ? Abisirayelibakoze iki ? Binjiye mu gihugu kitari ic'i wabo, birukanye kandi bisheabakibamwo, barinjira maze begukira ico gihugu. Ni vyo twakoze. Bagenzibacu b'abahindi ni bo bonyene banyamerika nyakuri. Isirayeli yarigeze kuba ifise abagabo bamwe bamwe bakomakomeye,Dawidi, Salomo n'abandi. Yarigeze kuba ifise abagabo bakomeye. Ariko munyuma, Isirayeli yahavuye ironka umwami Ahabu, umuhakanyi yari yabiriyeYezebeli, umugore atizera. Burya, twakoze nk'ivyo nyene. Twararonse uwitwa Washington,twararonse n'uwitwa Lincoln, ariko nimurabe ico dufise uno musi. Mu vy'ukuriuko bimeze, ni uko yabiriye Yezebeli, akaba yavyinjiyemwo ku buryobitazomuvamwo ! We ashobora kuba yari umuntu mwiza, ariko uwo mugore niwe azoshinga amategeko. Ubu rero murabibona : uwo muryango wose urikouraja ku butegetsi.

117 Haciye imyaka mirongo itatu n'itanu Mpwemu Yera ambariye iki kuvyerekeye vya bintu ndwi bitegerezwa gushika imbere y'iherezo ? Inararibonyezose zirabizi. Iki, ni ikiriko kirashika kibanziriza ikintu ca nyuma. Ikintu cosecashitse neza na neza mu gihe caco, intambara n'ibindi. Murabibona. Ubu nyene, ubutegetsi bw'igihugu buri mu minwe y'umugore ari weYezebeli. Ariko nimwibuke ko mu gihe ca Yezebeli habayeho umuntuyagaragaje ubugunge bwabo. Murabona ko abakoraniriza kw'ifarasi yiwe ifise ibara ry'ikivange.

118 Yegeraniriza hamwe ivyo bintu vyose, bivangavanze n'amadini, inyigishoz'abantu. Si vyo ? Nta nkeka. Ni ibara rivanze, ibara rivanze ry'iyi farasi y'isiibenjutse kandi yapfuye. Ni vyo : Ni ibara rivanze n'ubu bwoko bw'ifarasiibenjutse yapfuye y'isi. Oh, bene Data ! Si Amaraso yera yo mw'Ijambo. Habe na mba. Nimurabeukuntu abakoranya abakuye mu mfuruka zine z'isi; abakoraniriza i HaruMagedoni, nk'uko Bibiliya ibivuga (Ivyahishuriwe Yohana 16:16) Abakoranirizaho kubwa wa musi w'intambara uhambaye w'umwamiImana yacu. Ni mubirabe.

119 Ubu rero ari kuri iyo farasi y'isi y'ibara ry'ikivange, ibenjutse, irwaye.Nimuvyiyumvireko! Murazi ko ari ikintu kibi. Ubu rero nimurabe aho arikoarabakoranya abakura : mu mfuruka zine z'isi. Ubu rero bakoranye kubw'igihec'iherezo gihambaye. Iryo herezo rihambaye rizobera i Haru-Magedoni, nk'ukoIjambo ribivuga ku vyerekeye ya farasi ibenjutse bo n'uwuyigenderako, afiseizina rya mbere. Ivyo ntibishobora kuba ari impwemu. Azoba ari kumwe naYezebeli, wiwe, ari we maraya dufatiye kw'Ijambo, bo na ba bakobwabiwe, ari bo baporoti bariko barakoranira mu bumwe. Wa munsi mwarumvise ababatiste bavugira ngaha? Ngo : « Oh, ntidushakakwifatanya na bo ariko tuzogumana imigenderanire myiza kandituzokwumvikana neza na bo muri ubu buryo canke ubundi. Ntituzokwirirwaturifatanya n'iryo shengero ariko…. » Aho niho turi ! Uko nyene ni ko Ijamborivuga, yama ari uwo mukecuru maraya uhereye ku ntango.

120 Ubu rero bakoraniye aha kugira ngo baje muri rya herahezwa ry'i Haru- Magedoni, agendera kuri iyo farasi y'ibara rivangavanze, ifarasi y'igitare,ifarasi y'akagajo, ifarasi y'agafyiri, bwa bushobozi butatu butandukanye bwapolitike, ubushobozi bwo mu buryo bw'impwemu bugenzurwa n'ubushobozibw'idayimoni ari yo antikristo. Ivyo vyose mubivangavanze, muca muronka icokintu c'ibara ribenjutse kandi kirwaragurika ariko aragenderako. Ni ivy'ukuri.Ubu rero nimurabe ibi, nimurabe ico ariko aragenderako. Iyo farasi isan'iyibenjutse, ifise ibara rishaka gusa n'agafyiri (ikivange c'ibara ry'agafyiri,iry'akagajo n'iry'igitare), yinjira mw'ihanga ryose riri musi y'Ijuru.276. Daniyeli ntiyasobanuye za nzozi, kandi akabona n'ikivange c'ivyuma muribwa bwami, n'ukuvuga Uburoma ? Ng'abo bariko baregerana. Ubu rero nimwumve kandi mutekanye mukanya gatoya. Ubu rero bariko baregerana kugirango babikore, bazana abayoboke biwe bababakura mu mfuruka zine z'isi,bagendera kw'ifarasi ibenjutse kandi isa n'iyirwaye, ifarasi ifise amabara atatuavangavanze, ariko ni wa muntu nyene.

121 Mu Vyahishuriwe Yohana 19, si we wenyene ariko aritegura ; Kristo nawe nyene ariko aritegurira kurwana na we. Urugamba ruzoba rushushe kandirukomeye. Kristo aregeranya abiwe, akababakura mu mfuruka zine z'isi kukohazoboneka amasigarira makeya gusa. Ariko arakora iki ? Abakoranya abakuramu mfuruka zine z'ijuru ari kw'ifarasi y'igitare yera nk'urubura. Ejo kumugoroba tuzobona ivya za mpwemu z'abishwe bahorwa Ijambo ry'Imana barimunsi y'igicaniro, maze muzobona namba ari vyo canke atari vyo. Na Wenyene arafise izina, atari « Rupfu » ariko « Ijambo ry'Imana », Ubugingo.Amen ! Iryo zina ryanditswe ku kibero ciwe : « Jambo w'Imana», ari Webugingo. Amen ! Iryo zina ryanditse ku kibero ciwe : « Jambo w'Imana »ni we bugingo wenyene kuko Imana ni yo yonyene ari isoko ry'ubugingobudashira bubaho ari bwo « Zoe »

122 Ijambo « Ubugingo » ryanditse kuri We kandi agendera kw'ifarasiy'igitare. Ariko raba umuntu afise ububasha butatu butandukanyebuvangavanze, yitwa « Rupfu ». Akoranya abamuserukira babohewe kw'isi, mugihe Kristo akoranya abiwe, abera bavukiye mw'Ijuru. Kuri umwe handitswe « Rupfu » ; kuri Kristo handitswe « Bugingo ».Abari kumwe na we bari ku mafarasi y'igitare kandi bitwa « abatoranijweimbere y'uko isi iremwa »(Amen !) kandi ni abizigirwa kw'Ijambo. Amen!Ivyo ndabikunda.

Barahamagawe, baratoranijwe imbere y'uko isi iremwakandi n'abizigirwa kw'Ijambo kuko baratoranijwe, kandi bagasisimurwan'igisama [vino nsha-U] n'amavuta; na we. Barazi ko ya mituragaroizokwerekana ivyo bintu vuba cane.

123 Ni murabe ukuntu akora ivyo. Namba ari We Jambo, kandi izina ryiwerikaba ari Jambo, aho rero Ijambo ni Ubugingo Umwe antikristo... icitwaanti cose kiba kirwanya Kristo, kirwanya Ijambo; ntigishobora kuba ikindi atariza nemera canke idini rirwanya Ijambo.281. Simbona ukuntu ivyo bishoboka! Murabitahura? Bishoboka gutekubacika? Vyukuri sindabibona! Ni ukuri. Anti bisigura ikirwanya, si vyo? Nimuje kure yavyo. Ni vyo yakora. Yagendera kw'ifarasi y'amadidane. Ibiturabibona ngaha nyene, mw'Ijambo ry'Imana. Turabibona muri vya bihe ndwivy'ishengero. Asubiye kubituzanira ngaha mu kumenwa kwa bimwe bimatanijeca Gitabo maze akatwereka ivyo bintu vyabaye muri vya bihe vy'ishengero.Anti bisigura ikirwanya Ijambo. Ni kubera iki tutemera na buhoro buhoro zanemera n'amadini? Murabona ko ari kubera ko barwanya Ijambo.

124 Aha turabona ubugingo n'urupfu bije kurwana ubwa nyuma. Ifarasiy'igitare y'ubugingo nyakuri, ifarasi ibenjutse ya za nemera zivangavanze.Murabona ico kintu gishitse kw'iheraheza ryaco nyakuri. Nashaka mvuge ikintu kimwe ngaha. Murashobora kutacizera, arikonagisuzumye kugira ngo menye neza ko ari ukuri. Hari ibara rimwe gusary'inkomoko, ni iryera. Ni bangahe babizi? Hari ibara rimwe gusary'inkomoko. Ibisigaye vyose ni ikivange.. Kristo uhereye ku ntango, ari kw'Ijambo ritavanze, ryera koko. Amen!Ibara ryose ryobaye ryera iyo riba ritarimwo iyindi miti yashizwemwo. Amen!Imana ihabwe icubahiro! Ishengero ryose ryobaye rihagaze mu nyigishoy'Intumwa y'Ijambo ry'Imana (iyo Imana yokwemeje yonyene) iyo tutabatwarayivanze na za nemera bo n'amadini. Ni uko! Oh, mwene Data Evans,ese ukuntu niyumva neza muri aka kanya! Nta nkeka, nta nkeka! Hari ibararimwe gusa ry'inkomoko, ni iryera! Ntiryigeze ryivanga n'amadini canke na zanemera! Haba na mba mushingantahe!

125 Ni mwibuke ko n'abera biwe bambaye imvune zera, zitavanze n'amadinibo na za nemera. Yamara turabona ko ayo mabara avangavanze ava muri ayomadini n'izo nemera! Ariko we agendera kw'ifarasi y'ibara ry'inkomoko. Ibarary'inkomoko riri ku bantu biwe bibijwe mu maraso yejeje imvune zabo mazeakabagarukana, murabona.

126 Abavangavanze ibintu bafashe ibara ribenjutse kandi bariko baraja murupfu. Kuvanga ibara ryera n'ayandi mabara ni ukugoreka ibintu. Mugorekaibara ry'inkomoko. Si vyo? Iyo ibara ry'inkomoko, ari iryera, kandi ni ryo bararyonyene, maze mukarivanga n'ikindi kintu, muba mugoretse ico ribereyehonyakuri. Amen! Si vyo? Namba we ari Jambo, aho rero ni mwaramuka ivyomubivangavanze n'ico ari co cose (za nemera izo ari zo zose; ni mwongerakoakajambo canke mugakurako na kamwe kw'Ijambo), vyose muba mubigoretse.Oh, bene Data! Mwami ni unzigamire mw'Ijambo. Oh, bene Data ! Ukuri n'ikinyoma….Naho vyoba bisa neza, ukurin'ikinyoma ntibishobora kuvangana. Ntibishobora kuvangana. Aba ariUKU NIKO UHORAHO AGIZE, canke kikaba ari ikinyoma ! Naho yobaari uwitwa «Data mweranda », Boniface mweranda canke umwungere mukuruw'i Canterbury, sinshaka kumenya uwabivuze, iyo binyuranye n'Ijambo bibaari ibigoretse. Ivyo ntibizovangana.

127 Mwovuga muti : « E, urya yakoze iki… » Ivyo yakoze ntibindaba ! Ukwoyoba ari umweranda kwose. Ijambo ni kwo kuri kwonyene kurashe dufise. Ntashengero na rimwe, nta za nemera na zimwe bifise ukuri na gukeya iyo birihanze yaryo; ni munyereke n'umwe agufise! Nashaka ko mumunyereka. Ngirandondere Ivyanditswe muri Bibiliya kugira ngo ndabereke ikintu kimwe.Nimumbwire n'umwe. Muravuga muti : « Abapentekote. » Oh, bene Data ! Iki ciyumviro ndakibonye mu muntu umwe. Ubu ivyovyoba vyiza tubiretse kuko mbona ko ivyo bikora ku kintu c'inkoramutima.Sinashaka kubatsitaza, ariko nashaka gusa ko mumenya ko namenye ivyomwibaza.

128 Abavangavanze ibintu bavuye mu kuba « anti » baja mu rupfu. Mucamugira ibara ry'urupfu iyo mugize ikintu ico ari co cose muvangan'ic'inkomoko. Kristo yarabivuze kuri ka kabuto ka sinapi. Ni ko kabuto gatoyamu mbuto zose, ariko ntikavangana n'ikindi kintu na kimwe. Akabuto ka sinapintikavangwa. Ni akabuto ka sinapi nyakuri. Ni co gituma iyo mufise ukwizerakungana gurtyo, be ariko muhagarararako ! Ni murabe ko Ubugingo bwakurikira uwo yagendera kw'ifarasiy'igitare ari We yari Jambo, Bugingo, bwemejwe n'abera biwe bari bazutse bari kumwe na We. Intambara izogenda gute ? Yesu yavuzeati : « Unyizera n'iyo yoba yarapfuye, azobaho. » (Yohana 11 :25) yavuze ati :« Unyizera n'i yo yoba yarapfuye azobaho ; kandi uriho wese anyizera, nta hoazokwigera apfa gushitsa ibihe bidashira. » Yarasubiyemwo ati :« Unyizera… » azomuha ubugingo budashira, azomuzura ku musi w'iherezo.Ni isezerano ryiwe nk'uko Ivyanditswe bibivuga.

129 Ng'uyo Satani aje azananye n'abaporoti biwe, abakatolika biwe, n'abandibose abakuye mu mpande zine z'isi, bose hamwe baduze muri ya ntambaraHaru-Magedoni. Ni uko. Kandi raba na Yesu amanutse ava mw'Ijuru azaazananye n'abera biwe bazutse, Ijambo ryemejwe.294. Nk'uko nabivuze : « Iyo Imana ibarungikanye Ijambo ryayo irashikiraivyo muvuga. » Nimumenye ko iyo mutumwe n'Ijuru, Ijuru ryose riba ririinyuma yanyu. Ijuru ni ryo Jambo.

130 Ni murabe ko yaje azananye n'abera bari bazutse, yemeza ko ijambo ryiweari iry'ukuri. Burya, Satani

arazi ko ukuzimu kutagira aho guhererakumurindiriye, murabona. Oh, bene Data ! Mu gihe urupfu rwuriye kw'ifarasiyarwo ibenjutse, za nemera n'amadini bivanze bica biyikurikira. Oh, bene Data,ugutandukana n'Imana burundu. Raba aho abarongora abajana : kugutandukana burundu. Kristo We, arongora Ishengero ryiwe arijana mubwiza mu kuzuka.

131 Mu kurangiza, nimurabe ku murongo wa 8 havuga ngo : « … kandi uwoyahawe ububasha… » uwo ni nde ? Umwe antikristo yitwa Rupfu ; kandi nakuzimu yaramukurikira. Nimurabe ukwo bikurikirana muri ibi bintu bine:

Antikristo ari kw'ifarasi y'igitare : Yicisha impwemu. Nka antikristo yicamu buryo bw'impwemu.

Ubwa kabiri, ifarasi y'akagajo: Yicisha inkota, akoresheje ububasha bwapolitike, igihe ishengero na Leta vyiyunze.

Ifarasi y'agafyiri: akwiragiza inyigisho yiwe mu kuyigurisha. Ishengeroryakoze mu gusambana, agera ku munzane imfungurwa bamugerako, mukuzibarihisha.

Ubugira kane, ifarasi ibenjutse : Ni ugutandukana burundu n'Imana(murabona, igitigiri kane congeye kugaruka,) Oh, bene Data, Imana ishimwe!

132 Ubu narengeje amasaha. Ariko murashobora gusubira kumpa iminota cumikugira ngo ndangize? Uno musi nitavye amatelefone menshi ku vyerekeye ivyonavugiye ngaha. Habayeho ugukavya kwinshi ku vyerekeye Eliya ku buryoivyo vyari gushobora gutera ingorane nyinshi. Imana ni ize imfashe kugira ngondabafashe kuraba ivyo ndiko ndasaba, murabishaka? Nimugerageze gusakuraba. Ubu rero mu kurangiza, ngira mbwire abatizera ko intumwa ya nyumamuri vya bihe vy'ishengero ari Eliya uwavugishwa n'Imana, umugaboyarobanujwe amavuta y'iyo mpwemu nyene. Ico gihe ca nyuma c'ishengerokimaze gupfa.... ni murabe rero ibica bishika. Kimaze gupfa, imivyimba yaboyasanganguwe n'ibikoko vyo mw'ishamba. Ivyo murabizi. Ni ivy'ukuri. Imibiriyabo yarasanganguwe nk'uwa Yezebeli ari na we ari ikigereranyo cabo.

133 Ubu rero reka dusome Ivyahishuriwe Yohana 2 : 18-20. Ndibaza kotwabibonye mu kanya gaheze, si vyo? Nahanditse.... igihe co guta imico.Ng'uko ukwo vyari bimeze. Ni murabe ukuntu Yezebeli yatanguye. Yezebeli niiryo shengero ryari rigezweho. Si umugeni. Mw'isezerano rya kera, Yezebeli niikigereranyo c'ishengero rya kino gihe nk'uko Ijambo ry'Imana ribivuga muVyahishuriwe Yohana 2 : 18-20 : « ... yuk'ukundira urya mugore Yezebeli,yiyita umuvugishwa n'Imana..... », si vyo? Mbega n'ivy'ukuri? Ubu rero iryoshengero rigereranywa neza na neza na Yezebeli.

134 Twoshobora kubaha Icanditswe ku kindi kugira ngo tubereke koUbutumwa bwo mu gihe ca nyuma ari Ubutumwa bwavugishijwebw'ishengero, burigarukana kw'Ijambo ry'inkomoko. Mbega si vyo? Malaki 4, Ivyahishuriwe Yohana 10 : 7 harabivuga,murabona. Yesu We nyene ubwiwe yarabivuze hose bitaraba ati : « Nk'ukovyari mu misi ya Loti », n'ibindi. Ivyo vyama bigaruka.

135 Yezebeli ni ikigereranyo c'ishengero rigezweho ngo muri iki gihe kukoubu abakatolika n'abaporoti bagiye hamwe. Ntidushobora guca i ruhandey'ivyo. Ayo yompi ukwo ari abiri ni amadini, ni nyina n'umukobwa gusa,nta bandi. Barahazana kandi bagaharira, ariko ni bamwe gusa, bompi ukwo aribabiri ni ba maraya. Ivyo sindabivuze ndavyigeneye. Nsubiyemwo : « UKUNIKO UHORAHO AGIZE. » Ni uko. Ni murabe ko Yezebeli yishwe bitegetswe n'Imana. Yishwe kubera koImana yarungitse Yehu kugira ngo akorore Yezebeli amucishije mw'idirishakandi ngo amurandure. Imbwa zaciye zimurya. Mbega si vyo? Ni Yezebeliyibereye aho. Ku vyerekeye Ahabu umutware wiwe, umwami, imbwa zarigaseamaraso yiwe nk'uko Eliya yari yabivuze bitaraba.

136 Murabona iyo turiko turaja? Eliya wa mbere yari umugabo yanswen'amashengero. Kandi Yezebeli na Ahabu ni bo bari ab'ukuri bayomashengero, b'ishengero na Leta bifatanye. Kandi Eliya yeretse Ahabu ivyahavyiwe maze aca ategeka ishengero ryose ko rigaruka kw'Ijambo vyukuri. Murabe namba atari ivyo nyene Eliya wa kabiri ategerezwa gukoraaho azozira mw'ishengero ry'iki gihe! Kugarukana ukwizera kw'inkomoko! Simbona ukuntu mushobora kuvyirengagiza. Nimugarukekw'Ijambo ry'ukuri! Ni ivy'ukuri.

137 Namba mushaka kubona imivyimba yabo, reka turabe mu VyahishuriweYohana 19:17, Ijambo rimaze kubica. Ijambo rizobica. Murabizi. Erega nimwihweze kandi mubone ibizoba mu gihe c'ukuza kwa Kristo. MuVyahishuriwe Yohana 19, kuva ku murongo wa 17:307. « Mbona umumarayika ahagaze ku zuba... (Nimurabe ku murongo wa16 : « Impuzu ziwe zijobetswe mu maraso. Kandi yitwa Umwami w'abamin'Uganza abaganza. » Ku murongo wa 13, yitwa Jambo w'Imana. Rero aha naho ni Umwami w'abami, n'Uganza abaganza.) « Mbona umumarayika ..... »(Ubu rero ni murabe ukuntu abandanya) Umurongo wa 15 : Mu kanwa kiwe havamw'inkota ikarishe, (Mu kanwakiwe, nk'ibivuye mu kanwa k'Imana bica mu kanwa ka Mose) Kugirangw'ayikubite amahanga : azoyaragiza inkoni y'icuma. Kandi aganishirizaibirenge mu bgato vino y'uburake bg'inkazi bg'Imana ishobora vyose. Kandi kumpuzu ziwe no ku kibero, afise izina ryanditsweko, ng'UMWAMI W'ABAMI,UGANZA ABAGANZA.309. Mbona umumarayika… (Murabona, aje kugira ngo ahane. Ahana nde ?Yezebeli na Ahabu wiwe, umuvugishwa w'ibinyoma). «

Mbona umumarayikaahagaze ku zuba ; asemerera n'ijwi rirenga, abarira ibisiga vyose bigurukavyatiriye ijuru, ati Ni muze mukoranire amazimano menshi y'Imana. »

138 Abagaburira ibikoko vyo mw'ishamba n'inyoni. Reka twongere turabe kumurongo wa 21: « …. Bicishwa inkota, urupfu n'ibikoko vyo kw'isi. »Murabibona. Ishengero Yezebeli (umubiri wiwe w'inyama) utegerezwagutabagurwa n'inyoni n'ibikoko vyo mw'isi. Ishengero, uburyo bw'impwemu,rizogirirwa neza na neza nkuko Ahabu na Yezebeli bagiriwe bari mu mibiriyabo. Murabona ico nshaka kuvuga ? Ni uko.

139 Eliya yabaye uwuvugishwa n'Imana wo mu gihe ca Ahabu naYezebeli bomu buryo bw'umubiri. Kandi yarasezeranye, nk'uko « UKO NI KOUHORAHO AGIZE » Kwo mw'Ijambo kuri, ko Yezebeli wo mu buryobw'impwemu izomugenza nk'ukwo nyene. Ni ko igikorwa c'impwemu yarimuri we cari kimeze. Ni murabe ko Eliya, naho yari yagaragajwe neza mu buryo buhagije,atashoboye kubagarukana kw'Ijambo. Si vyo ? Yamara nta ko atagize.Yakoze uko yari ashoboye kwose. Yaraberetse ibimenyetso n'ibitangaza. Arikobaramushinyagurije ! Ni na vyo kandi bazokora muri iki gihe mu buryobw'impwemu, murabona. Ntiyashoboye kubagarukana kw'Ijambo.

140 Ubu rero niwumvirize shengero, wewe uzoba mu madidane kubw'ivyo.Mu ma miliyoni y'abantu baba mw'isi mu gihe ca Eliya, igihe Yezebeli naAhabu bari ku ngoma (ikigereranyo c'ibiriko biraba muri kino gihe). Habonetsegusa abantu amajana indwi [ mu bisanzwe ni ibihumbi indwi. Mwene DataBranham arahubura ico gitigiri mu butumwa bwakurikiye-U] bakijijwen'ubutumwa bwa Eliya. Mbega si vyo ? Ni ukuri. Ariko murabona, Eliya nta numwe wo muri bo yigeze amenya. Yibaza koari we wenyene yakijijwe, gushika i gihe Imana yugururiye kimwe muri bimwebimatanije ca Gitabo maze imwereka ibanga ryo muri co, imuhishurira ko hariho n'abandi ibihumbi indwi batigeze bapfukama imbere ya za nemera z'icogihe. Igihe Imana yugururira Eliya Igitabo cayo, yaravuze iti : « Rindira akanyagatoya mwana wanje ; ndafise n'abandi ibihumbi ndwi binyegeje aho. Amazinayabo ari muri ca Gitabo kuva ku kuremwa kw'isi. Ni abanje. » Imana ica yugurura ico kimwe mu bimatanije ca Gitabo. Ni co gitumanibaza ko Yohana yakomye akaruru nk'uko twabibonye ca gihe ku kagoroba.Ategerezwa kuba yar'abonye izina ryiwe ryanditswemwo, murabona. Umusiumwe Imana yaracuguruye.

141 Eliya yari yaravuze Ubutumwa ; nta co atari yarakoze ; yari yaravuzeubutumwa n'umutima wiwe wose maze arakora ivyo yari ashoboye vyose.Yamara bishinze kumuzomera gusa. No kumutuka. Baravuga bati : « Ni weweutuma ivyo vyose biba. Uri umuzimu. Ni we uri intandaro y'ivyago vyosebiriko biradushikako ; Ni wewe vyagira », n'ibindi. Nta co batamututse!Yezebeli yamubwira ko azomuca umutwe. Ni ivy'ukuri. Abantu bosebaramurwanya! Aca aravuga rero ati : « Mwami, nakoze ivyo wambwiye vyose ngo nkore.Numiye kw'Ijambo ryawe. Hagize ico umbarira, nta bwoba nagira.Narashikiriye n'umwami kandi naramubwiye imbona nkubone nti : UKU NIKO UHORAHO AGIZE ! Kandi nta kintu wigeze umbwira kandi nta co nigezekumubwira kitashitse. Kandi raba ndi hano ari jewe jenyene nsigaye mu mugwiwose. Nsigaye ndi jenyene, kandi barangenza ngo banyice.

142 Ariko Imana ica iravuga iti : « Ngira nugurure kimwe muri bimwebimatanije ca Gitabo maze nkwereke ikintu kimwe. Mbega urazi, ndacafiseabandi ibihumbi ndwi batigeze bapfukama imbere ya nemera n'imwe muri zocanke ngo bifatanye n'idini na rimwe urabona ko hari ho ibihumbi indwi baribiteguriye kuzamurwa, Oh ! Yabwiye uwavugishwa na Yo, uwo ihishuriraIjambo ryayo iciye mu Vyanditswe iti : « Muri uru runganwe hariho amazinaibihumbi ndwi nateguye, ibihumbi ndwi muri bo. Ntibigeze bapfukama imberey'idini na rimwe (nk'uko uno musi nobivuga), kandi ntibigeze bemerakuganzwa na nemera n'idini na rimwe. ». Muratahura ivyo nshaka kuvuga ? Birakwiye gusa ko biba gurtyo. Ukoniko bitegerezwa kumera. Birahuje n'Ijambo. Igihe uwo mugaboazotangurira gukora azoba ari uwuvugishwa n'Imana, nk'uko ari ukuri kompagaze ahavugirwa ubutumwa ; kandi azokwumira neza kuri iri Jambo.Ntazoreka ngo arengerwe na nemera n'imwe canke ikindi ico ari co cose. Niivy'ukuri.

143 Azoba ari umuntu wo mw'ishamba nka Eliya na Yohana. Oh, Mbegaukuntu azokwanka abagore b'ibitabanga! Oh, Mbega ukuntu azobaharira! Ni koEliya na Yohana bakoze, kandi azohagarara neza kw'Ijambo. Azoza atemeraamadini. Amadini? « Mwoye kwiyumvira mu mitima, muti dufise Aburahamu,ni we sogokuruza. Ndababgira yukw'aya mabuye Imana ishoborakuyavyuramwo abana ba Aburahamu.» Ni ko yakoze nyene. Ni uko, bagenzi banje. Ikigira kane kimatanije ca Gitabo caruguruwe ahongeza kumenya. Bamwe bagendera kuri ya mafarasi ane barahishuwe. Ni vyovyonyene vyabaye kw'isi. Mu gikurikira kimatanije ca Gitabo tuzobona ko ivyobintu bibera mw'Ijuru ahari impwemu z'abishwe bari munsi y'igicaniro.

144 Mu kurangiza nagomba nongere mvuge amajambo makeya nanditse. Ibivya mbere bimatanije ca Gitabo uko ari bine twarabibonye. Ariko ejo kumugoroba bizohinduka maze tuzova mu bibera kw'isi. Yohana yararamuyeamaso maze abona impwemu z'abishwe, bari munsi y'igicaniro, igicaniro cogutangirako ibimazi. Umugoroba uzokurikira, tuzobona uko amahano azoshika.Maze umugoroba wa nyuma, ku w'iyinga ku mugoroba (sinzi ico ivyo bindibimatanije ca Gitabo bisigura, ndabisoma nka mwebwe), habayeho agacererek'igihimba c'isaha; yamara hari ikintu cariko kiraba. Niteze ko abihishura.Ndazi neza ko azobikora. Twararondeye mu bice bitandukanye vyo mu Vyanditswe gushika kuVyahishuriwe Yohana 19, kugira ngo nerekane ko Ukuza kwa Kristokuzokwica umwe antikristo. Ni co gituma naretse ibi maze

ngafata gusa iyimirongo ibiri.Vyabaye ngombwa ko nishimikiza ibice bitandukanye vyo muVyanditswe kugira ngo nerekane ko ivyo bintu ari ivy'ukuri; ni co gitumanashitse no mu Vyahishuriwe Yohana 19 kugira nerekane ko iherezo ryaantikristo kuzoba ari uguhona. Kristo, aho azozira azokwica umwe antikristo.

145 Nishimikije Ivyahishuriwe Yohana 10 kugira nerekane ko imisi y'iherezo,ubutumwa bw'umumarayika w'indwi buzozanwa n'umuntu yarobanujweamavuta n'Imana kubw'ibango ry'igikorwa, ameze neza na neza nka Eliyauwavugishwa n'Imana (nkuko vyabuwe muri Malaki 4), kugira ngo ahishureIjambo ry'ukuri ry'inkomoko ry'Imana muri kino gihe. Azoza azanye Ijambory'Imana ry'inkomoko muri runo runganwe. Ivyo Eliya yabwiye Yezebeli womu buryo bw'umubiri, uwo muntu azobibwira uwo Yezebeli wo buryobw'impwemu, ari yo mashengero y'amadini. Vyansavye gufata umurongo wa mbere gushika ku w'indwi yo mu gice ca10 c'Ivyahishuriwe Yohana, bo na Malaki, Amosi, n'abandi kugira nerekane koari ukuri. Eliya yari uwavugishwa n'Imana yavugishijwe maze rero acirakoiteka Yezebeli muri rurya runganwe rudasanzwe, kandi Eliya ntiyapfuye. Ntankeka. Aca yongera kugaragara haciye imyaka amajana umunani i ruhande yaYesu Kristo ari ku Musozi wo Guhindurirwako. Ntiyapfuye!

146 Turabona kandi nk'uko isezerano ry'Imana riri ko impwemu yari muri wehari umuntu itegerezwa kurobanuza amavuta mu misi y'iherezo. Yarasezeranyeko uko yagenjeje Yezebeli wo mu buryo bw'umubiri ari ko izogenza Yezebeliwo mu buryo bw'impwemu mu gihe ca nyuma.327. Ni co gituma nakoresheje cane Bibiliya kugira ngo nerekane ko ivyo bintuari vyo; ni ukugira ngo ntihasigare ikibazo na kimwe mu vyiyumviro vyanyu.Namba kihari, nimukimenyeshe. Muranyandikira ikete canke agapapuro gatoya.Gurtyo vyose bica bihura neza, gushika no ku bikoko bizotabagura imibiri yaboy'inyama mu misi y'iherezo, bibarandagure nk'uko vyabikoze kirya gihe.

147 Aho uguhishurirwa nahawe n'Imana kugera; aho yambwira ko ivyobizoba, uku ni ukuri ku vyerekeye bamwe bane bagendera ku mafarasi; ahongeza kumenya. Mwibaza iki kuri Yesu? Ndamukunda, ndamukunda Kuko ari We yabanje kunkunda Maze akandonderera agakiza Ku giti c'i Karuvariyo.

148 Ubu rero, nimwibuke ko ata ciyumviro kibi na kimwe mfitiye umuntun'umwe canke idini na rimwe, kuko Imana irafise abana mw'idini rya Katolika,irafise abana mw'idini ry'abametodiste, irafise abana mw'idini ry'Ababatiste.Ni bangahe mu bantu bo mu madini atandukanye bari ngaha kuri uno mugorobababasohotse bava muri yo igihe babona umuco? Duza ibiganza vyanyundababone. Ni mwibuke ko hariya hariyo abantu nkamwe, ariko murabona ko ikintu cica ari uburyo bwo gukoramwo. Impwemu ya antikristo ni yoizoruhira kubashira mu ruhande aho batazoba bagishaka gusubirakwumva ukuri na kumwe.

149 Ni mwibuke, wa mugoroba, aho navuga ku vyo gushirwako ikimenyetso.Iyo umuntu yumvise umuhamagaro wa yubile maze akanka guhabwaumwidegemvyo, baca bamujana ku gishimaryango maze ugutwi kwiwebakagutoboza umugera. Ugutwi ni kwo umuntu yumvisha, kandi ukwizera kuva ku vyo umuntu yumva. Rero yumvise maze akanka kwemeraukwidegemvya kwiwe, ategerezwa gukorera shebuja ari ryo dini imisi yoseasigaje kubaho. Amen! Oh, none si vyiza cane?Ndamukunda, (tuduze ibiganza maze tumusenge)Kuko ari We yabanje kunkundaMaze akandonkera agakiza ku giti c'i Karuvariyo. Twunamike imitwe yacu rero. Tumusenge mu gihe turiko turaririmba iyindirimbo.

150 Mwami, mbega ukuntu tugushimira. Ndanezerewe cane, Mwami,ndakunezerererewe kandi ndanezerererewe ubwoko bwawe. O Mwami,waraturonkeye agakiza ku giti c'i Karuvariyo. Tuvyakirana umunezero,Mwami. Ubu rero, utuvugutire ukoresheje Mpwemu wawe, Mwami, mazenamba hari ikibi na gito hagati yacu muri rino koraniro, Mwami, ukutizeraIjambo ryawe na gukeya, namba ngaha hari umuntu n'umwe, Data, atitabiriza« Amen » isezerano ryose ry'Imana, Mpwemu Yera n'amanuke ubu nyene,umwe agendera kw'ifarasi y'igitare, mu gihe Mpwemu wayo, Mpwemu waKristo, ahagurukiye antikristo, maze agahamagara abiwe. Bahamagare, Mwami! Bashobore kwihana muri kano kanya maze bihutekuza kuri wewe kugira ngo buzuzwe amavuta na Vino maze bambure ya kanzuy'idini y'urupfu kugira ngo bambare ikanzu yera nk'urubura y'UbugingoBudashira yatanzwe n'Umukwe. Hanyuma umusi umwe bazoja mu Mazimanoy'Ubukwe, mw'Ijambo ry'Ukuzuka ryemejwe. Ni ubiduhe, Mwami! Sesa mumitima mu gihe aba bantu bakwiteze. Mw'Izina rya Yesu.

151 Ubu rero, Mwene Data, mushikanje, bagenzi banje, nimusuzume imitimayanyu. Nabanye namwe igihe kirekire. Haheze hafi imyaka mirongo itanun'itanu, narigeze mvuga ikintu na kimwe mw'Izina ry'Umwami ntigishike?Nimushishikare murondere Kristo ubu rero, mu gihe bikibashobokera.Birashobora gushika mu gihe gito ntimube mugishobora kubikora.Umwanya uwo ari wo wose arashobora kuva ku Ntebe yiwe avyagiyekoariko aratuvugira. Rero uzoshobora gukoma akaruru n'umutima wawe wose,ukubite imigere hasi, uvuge mu ndimi, uzoshobora kwiruka mu mpande zosez'iyi nyubakwa, mukore ivyo mushaka vyose, mwifatanye n'amashengero yoseari kw'isi, ata na kimwe kizoba kiriho. Nta n'ikizoba kigikura ivyaha vyanyu.None ubu uri hehe?

152 Ndizera n'umutima wanje wose ko inzira ishika kuri ya Ntebe icuguruye.Ndizera kandi ko akiri ku Ntebe y'Imana, ariko agiye kwegereza vuba kugirango yishuze abo yacunguye. Ariko arashitsa igikorwa c'Umuvyeyi mucunguzi, mu gihe Rusi akirindiriye. Ariko vuba, murazi ko Bowazi aho azoba amazegukora

igikorwa ciwe c'umuvyeyi mucunguzi, azoza kwishuza ivyiwe. Neza naneza, ni vyo Bibiliya ivuga ko yakoze. Yaregereye maze afata ca Gitabo; icogihe ukutuvugira kuba kwarangiye. Aba yavuye kuri ya Ntebe. Nta Marasoakiri kuri ya Ntebe y'ubuntu, none rero, bica bigenda gute? Ica iba Intebey'urubanza; Ntimurindire umusi aho muzovuga muti : « Nibaza ko izamurwaryategerezwa kuba ? » Ijwi rizobishura riti : « Vyaraheze. » Imana n'ibafashe !Ubu rero reka twunamike imitwe yacu.340. Mwene Data Neville, ni uze kugira ngo usezere ikoraniro canke ukore ivyoutegerezwa gukora. Imana nibahezagire tuzosubira ejo ku mugoroba.

MESSAGE hub online
www.messagehub.info

Ubutumwa bwa
William Marrion Branham
"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7